This is a trial edition prior to its formal edition.
We will be very grateful if you would give us your evaluation on its translation level.
Please, send us your opinion to baptism@bjnewlife.org

IBIRIMWO

Ikigabane ca 1 – Inyigisho

1. Dutegerezwa ubwa mbere na mbere kumenya ibicumuro vyacu kugira dushobore gukizwa
<Mariko 7:8-9, 20-23>

2. Umuntu yavutse ari umucumuzi
<Mariko 7:20-23>

3. None tuzoshobora gukizwa niyo twigenza uko ibwirizwa ridutegeka?
<Luka 10:25-30>

4. Urukiza ruzokwamaho
<Yohana 8:1-12>

INYIGISHO YA 1

Dutegerezwa ubwa mbere na mbere kumenya ibicumuro vyacu kugira dushobore gukizwa



Dutegerezwa ubwa mbere na mbere kumenya ibicumuro vyacu kugira dushobore gukizwa

< Mariko 7:8-9 >

"'Ibwirizwa ry'Imana muterera aho mukizigitira kw'iragi ry'abantu.' Arabandanya ati: 'muriyambura neza na neza ibwirizwa ry'Imana iragi rya kera mu karyumako.'"

< Mariko 7:20-23 >

"Ikiva mu muntu nico kimuhumanya. nkako imbere mu mutima w'umuntu, niho hava ivyiyumviro bibi, ubusambanyi, ubusuma, ukwicana, uguhemurika abagenzi, umunoho, indambi, uburyarya, ubushegabo, ishari, ukwararaza, ubwishime, uburogorogo. ayo mabi yose ava imbere mu mutima niyo ahumanganya umuntu."

Ubwa mbere nagomba gusigura ico ari co igicumuro. Hariho ibicumuro vyasiguwe n'Imana n'ibicumuro vyasiguwe n'umuntu. Ijambo igicumuro mu kigiriki risigura "guhusha". Ni ukuvuga kugira ikitari co. Ni igicumuro umuntu adakwirikije amategeko y'Imana uko ameze. Turabe ubwa mbera ibicumuro vyasiguwe n'abantu.



Duharura igicumuro uko twiyumvira twebwe

nyene. Mu majambo atomoye, ni ukuvuga ko atari igicumuro ku mabwirizwa y'Imana, umwe wese afise uko avyiyumvira, biva ku vyo ashaka no ku mutima wiwe.

Biva ku muntu umwe umwe wese. Aha rero ibintu bisa birashobora kwitwa igicumuro n'uyu, uwundi ntavyite igicumuro. Nico gituma imana yaduhaye ibwirizwa rigizwe n'ingingo 613 kugira abe ari rwo rugero twisunga mu gusobanura igicumuro.

Ibi bigereranyo biri mu mizingi bikwirikira biratwereka ibicumuro vy'abantu.



Nico gituma tudategerezwa gushira imbere y'umuzirikanyi urugero rwacu.

Igicumuro c'umuzirikanyi wacu ntaho bihuriye n'ico Imana yita igicumuro. ntidutegerezwa rero gutega amatwi umuzirikanyi wacu ahubwo dutegerezwa kwisunga amabwirizwa y'imana mu vyo dukora.

Umwe wese muri twebwe arafise uko yumva igicumuro. Hari uwibaza ko aribwo buryo bwiwe, abandi bakibaza ko ari imigenzo yabo yataye inzira.

Nk'akarorero muri koreya, abantu borosa ivyatsi intatemwa z'abavyeyi babo bakibaza ko bategerzwa gutema ivyatsi bakabungabunga imva gushika aho bazopfira. Mugabo ufashe umuryango wa kera wo muri Guineya nshasha, abavukagihigu ba mbere, muguha iteka abavyeyi babo bitavye imana, bafata ibiziga bakabibagamwo imitigiri maze abagize umuryango bakabigabangana bakabirya. (Si nzi

neza ko babanza kubateka imbere yo kubarya). Ngo kwoba ari ukugomba kubuza ko ibiziga biribwa n'ubunyegeri. iyo migenzo irerekana ko abantu babona kwinshi igicumuro.

Nico gituma rero iciza n'ikibi bishobora kwitwa co kimwe. mugabo bibiliya itubwira ko gucumura ari ukugambararira amategeko yayo. "ibwirizwa ry'Imana muterera aho mukizigitira kw'iragi ry'abantu". Arabandanya ati: *"muriyambura neza na neza ibwirizwa ry'imana iragi rya kera mu karyumako" (Mariko 7:8-9)*. Imana ntiraba uko dusa canke ingene twishira hejuru. Iraba ingene tumeze imbere mu mitima yacu.

URUGERO RWACU NI IGICUMURO KU MANA



Ngirango ndababwire ico ari co gucumura ku Mana. Ni ubaho utisunga uko ibishaka. Ni ukutemera ijamabo ryayo. Imana ivuga ko ari igicumuro kwigenza nk'Abafarizayo batemera amabwirizwa y'Imana bagashira imbere inyigisho zabo za kera. Kandi Yesu afata Abafarizayo nk'abantu biyorobeka.

"Wemera imana iyihe? Woba unsenga ukongera ukanyubaha vy'ukuri? Ko wininahaza mw'izina ryanje ariko sinzi uranyubaha vy'ukuri?" Abantu birabira ingene abantu

biyerekana ariko bakaganjwa kw'ijamabo ryiwe. Ico ni igicumuro ku Mana. Igicumuro ca mbere ruhebwa ni ukwiyobagiza ijambo ry'Imana. Mwari mu bizi? Igicumuro gisumba ibindi bicumuro vyose ni ikihe?

Uguhobahoba kwacu ntabwo ari igicumuro ahubwo ni amakosa n'ukurenga akarimbi bisanzwe. Ukwihenda bivuye ku kutamenya ntabwo ari ibicumuro bikomeye ahubwo ni amakosa. Imana iratandukanya ibicumuro n'amakosa. Abanjanjwa kw'ijambo ryayo baba ari abacumuzi naho ata makosa baba bafise. Baba ari abacumuzi ku Mana. Nico gituma Yesu yakankamiye Abafarizayo.

Muri Pantateke, kuva mu mamuko gushika kuri Deteronimu, harimwo amabwirizwa atubwira ivyo dutegerezwa gukora n'ivyo tudategerezwa gukora. Ni amajambo y'Imana, amabwirizwa yiwe. Nti dufise ubushobozi bwo kuyagumya ijana kw'ijana, kumbure ntidushoboye kugumya narimwe ryo nyene, ariko turashobora gutandukanya ko ari amabwirizwa y'Imana. Imana yayaduhaye kuva mu ntango, dutegerezwa kuyemera uko ari.

"mu ntango, Imana yaremye isi n'ijuru". Hanyuma ivuga iti: "umuco ni uze. Umuco uca uraza." Yaremye ibintu vyose. Hanyuma ashinga ibwirizwa.

"Jambo yigize umuntu aba muri twebwe, kandi jambo yari imana" (Yohana 1:1, 14). None Imana yatwibwiye gute? Yatwibwiye yonyene mu mabwirizwa yayo. Imana ni Jambo kandi atwiyereka mu mabwirizwa. Imana ni Mpwemu. hanyuma none Bibiliya tuyita gute? Tuyita ijambo ry'Imana.

Biranditswe ngo *"amabwirizwa y'Imana musiga aho mukizigitirira kw'iragi ry'abantu."* Hari ingingo 613 zigize ibwirizwa ryiwe. Gira iki mugabo ntugire kiriya, sonera abakuvyaye…n'ibindi. muri Lewi, biranditswe

ko umugore ategrezwa gukora iki, ko umugabo ategerezwa gukora kiriya, n'ico umuntu yokora mu gihe igitungwa gishaye mu manga…. hariho ingingo nk'izo 613 mw'ibwirizwa ryiwe.

Kandi kubera atri amajambo y'umuntu, dutegerezwa kuyazirikana tugasubira. dutegerzwa kwubaha Imana naho twoba tudashobora kugumya amabwirizwa yiwe yose. Imiburiburi ni uko twopfuma dushobora kuyatundukanya.

Hoba hariho ijambo ry'Imana na rimwe ryo nyene ritagororotse? Abafarizayo baranganjwa amabwirizwa y'Imana. Batwarira imbere iragi ry'abantu kuruta amabwirizwa yiwe. Iwabo amajambo y'abakera afise agaciro kurusha amajambo y'Imana. Uko niko vyari bimeze igihe Yesu yavuka. ico Yesu adashaka kubona kurusha ibindi ni uko abantu boyoberwa ijambo ry'Imana.

Imana yaduhaye ingingo 613 z'ibwirizwa kugira atwigishe ko ari we kuri, ko ari we Imana yacu, ico ibicumuro vyacu bisigura imbere yiwe kandi kugira atwereke ubweranda bwiwe. Kubera rero turi abacumuzi imbere yiwe, dutegerezwa kwemera muri Yesu imana yaturungikiye kubera urukundo adufitiye kandi dutegerezwa kubaho mu kwemera.

Abirengagiza ijambo ryiwe, abatemera, bose ni abacumuzi. Abadashobora kugumya ijambo ryiwe nabo nyene ni abacumuzi mugabo igicumuro ca nyuma ni ukwirengagiza ijambo ryiwe. Abo nibo amaherezo yabo ari mu muriro udahera. ukutemera ni igicumuro kuri we.

ICATUMYE IMANA ITANGA IBWIRIZWA

Ni igiki catumye Imana iduha ibwirizwa? Ni ukugira dutegere ibicumuro vyacu hanyuma tugaruke mu maboko yiwe. Yaduhaye ingingo 613 agize ibwirizwa kugira dutegere ibicumuro

vyacu hanyuma dushobore gucungurwa na Yesu. Iyo niyo mvo Imana yaduhaye ibwirizwa.



Biranditswe muri Baromano 3:20 ko *"atakindi ibwirizwa rituzanira atari ukumenya igicumuro"*. Turazi rero ko igituma Imana yaduhaye ibwirizwa atari ukuduhata kubana na ryo.

None ubumenyi bushasha dushobora kwunguka mw'ibwirizwa ni ubuhe? Ni uko tudafise inguvu zikwiye kugira dushobore kwubaha nk'uko bitegrezwa ibwirizwa, kandi ko turi abacumuzi imbere y'Imana. Ikindi dushobora gusobanukirwa muri za ngingo 613 z'ibwirizwa ni igiki? Turasobanura utunenge twacu, agahaze kugira dushobore kubaho mw'ibwirizwa ryiwe. Turasobanukirwa ko twebwe ibiremwa vy'Imana, turi abantu ataco bokwishoboza. Turategera ko turi abacumuzi imbere yiwe, kandi ko mu maherezo twari dukwiye kuzotabwa mu muriro udahera hakwirikijwe ibwirizwa.

None ico twokora tumaze gutegera ibicumuro vyacu n'ubushobozi bwacu aho bugarukira? Oya, ico twokora ni ukwemera ko turi abacumuzi, tukemera Yesu, ko urukiza rwiwe rw'amazi n'umutima arirwo tuzeyeko ubukiriro hanyuma tukamushimira.

Igituma aduha ibwirizwa ni ukutwumvisha ibicumuro vyacu n'ibihano biberanye, kandi ko tudashobora gukizwa umuriro udahera tutari kumwe na Yesu. Niyo twemera ko Yesu ari we mukiza wacu, tuzocungurwa.

Yaduhaye ibwirizwa kugira adukize.

Yaduhaye ibwirizwa kugira dushobore gutahura ko turi abacumuzi kuva hasi no hejuru kandi kugira akize imishaha yacu igicumuro.

Yaduhaye ibwirizwa yongera aturungikira umwana wayo bwite kugira ibatisimu yiwe idukize ibicumuro. Kandi turashobra gukizwa tumwemeye.

Dutegerezwa gutahura ko turi abacumuzi ruhebwa kandi ko dutegerezwa kwemera yesu kugira dukizwe igicumuro, dusubire kuba abana biwe Imana isubizwe ubuninahazwa.

Dutegerezwa ijambo ryiwe. Vyose vyatanguriye mw'ijambo, dutegrezwa rero gutangurana na jambo, tugatahura ukuri kuri mw'ijambo ryo kwihana. Dutegerezwa kwiyumvira no kurimbura ibintu muri jambo. Ni kwo kwemera nyakuri kandi kugororotse.

MU MUTIMA W'UMUNTU HARIMWO IKI?



Ukwemera guhera ku majambo y'Imana none dutegerzwa kwemera Imana mw'ijambo ryiwe. ahandi ho tuzohava duhuba, kandi vyitwe ko twabigize n'ibigirankana.

Igihe abafarizayo n'abanditsi babona abigishwa ba Yesu bariko bafungura umukate batakaravye iminwe, ntibari kubanebagura iyo babibona mw'ijambo ry'ijambo ry'Imana. Ijambo ritubwira ko ata bintu na bimwe bica mu kanwa k'umuntu bishobora ku mucafuza, kuko

bitaja mu mutima bija mu mushishito bigaca bisohoka.

Nk'uko vyanditswe na Matayo 7:20-23. yavuze ati: *"ikiva mu muntu nico kimuhumanya. Nkako imbere mu mutima w'umuntu, niho hava ivyiyumviro bibi, ubusambanyi, ubusuma, ukwicana, uguhemurika abagenzi, umunoho, indambi, uburyarya, ubushegabo, ishari, ukwarararaza, ubwishime, uburogorogo. Ayo mabi yose ava imbere mu mutima niyo ahumanganya umuntu"*. Avuga ko abantu bose ari abacumuzi kuko bavukanye ibicumuro.

Muratahura ico agomba kuvuga? Twese twamuka kuri Adamu. Ntidushobora kubona ukuri kuko nti twemeye canke ngo twemere amajambo yiwe. Mu mutima w'umuntu hari iki?

Turabe muri Mariko 7:21-22: *"nkako imbere mu mutima w'umuntu niho hava ivyiyumviro bibi, ubusambanyi, ubusuma, ukwicana, uguhemurika abagenzi, umunoho, indambi, uburyarya, ubushegabo, ishari, ukwarararaza, ubwishime, uburogorogo. Ayo mabi yose ava imbere mu mutima niyo ahumanganya umuntu"*. Ayo mabi yose ava mu mutima w'umuntu kandi bigacafuza abantu.

Biranditswe muri Zabuli ko *"biciye mu kanwa k'abana n'inzoya. warashinze inguvu zawe kubera abansi, kugira usubize hasi umwansi n'umugumutsi. Iyo ndiko ndaba ubwami kw'ijuru, waremye n'amaboko yawe, ukwezi n'inyenyeri ..." (Zabuli 8:3-4)*

Kubera iki atugendera? Atugendera kubera adukunda. yaraturemye, aradukunda, yongera agirira ikigongwe twebwe abacumuzi. Yarafuse ibicumuro vyacu vyose, atugira abana biwe. *"Uwohoraho, umwami wacu! Izina ryawe ni rinanahazwe kw'isi no mw'ijuru"*. Umwami Dawudi yararirimvye m'ubwuzure bwa kera atahuye ko imana ari umukiza w'abacumuzi.

No mu Bwuzure Bushasha, umutumwa Paulo yavuze co kimwe. Ni igitangaza kubona twebwe ibiremwa vy'Imana dushobora kuba abana b'Imana. Nta kindi bivako atari imbabazi ziwe. Ni urukundo rw'Imana.

Kugerageza kubaho twisunze ibwirizwa ry'Imana niyo ndahiro dutegerezwa kugira imbere y'Imana. Ni kandi iciyumviro kiva mu bujuju bwacu. Ntibikwiye ko tubaho tutari mu rukundo rw'Imana, dusenga kandi turwana n'ubuzima kugira tugumye ibwirizwa. Ugushaka kw'Imana ni ko gushobora gutuma dutahura ko turi abacumuzi kw'ibwirizwa tukemera urukiza rw'amazi n'amaraso (Mpwemu).

Ijambo ryiwe ryanditswe muri Mariko 7:20-23: *"nkako imbere mu mutima w'umuntu niho hava ivyiyumviro bibi, ubusambanyi, ubusuma, ukwicana, uguhemurika abagenzi, umunoho, indambi, uburyarya, ubushegabo, ishari, ukwararaza, ubwishime, uburogorogo. Ayo mabi yose ava imbere mu mutima niyo ahumanganya umuntu"*.

Yesu yavuze ko amabi mu mutima w'umuntu ariyo amuhumanya. Imfungurwa Imana iduha ntizishobora kuduhumanya. Ivyaremwe vyose ntibigira agatosi, mugabo ibiva mu mutima w'umuntu, ibicumuro, ni vyo bihumanganya umuntu. Twese twamuka kuri Adamu. None twavutse gute? Twavukanye ubwoko bw'ibicumuro bishika 12. Si vyo none?

None twoshobora kubaho tutagira ibicumuro? Tuzobandanya gucumura kuko twavutse turi abacumuzi. birashoboka ko tudasubira gucumura kubera tuzi ibwirizwa ata kindi? Twoshobora kugira ubuzima mu kwubaha amabwirizwa? Oya.

Uko tugenda tugerageza niko ibintu bigenda bigorana. dutegerezwa gutahura aho ubushobozi bwacu bugarukira Hanyuma tugahagarika. Munyuma tumaze kwicisha bugufi, turashobora

kwemera ibatisimu n'amaraso ya Yesu vyo rukiza.

Zirya ngingo 613 zigize ibwirizwa ni izukuri kandi ntizigira agahonzi. Mugabo abantu ni abacumuzi kuva bagisamwa inda mu mabanyi z'ababibarutse. Dutahuye ko ibwirizwa ry'Imana ritagira agahonzi kandi ko turi abacumuzi batishoboza na rimwe kuba intungane, turashobora no gutahura kandi ko dukeneye imbabazi z'Imana, kandi ko dukenewe gukizwa n'umucunguzi wacu Yesu mu mazi, amaraso na Mpwemu.

Tumaze kubona aho ubushobozi bwacu bugarukira, ko tudashoboye kwigira intungane, ko tuzoja mu muriro udahera kubera ibicumuro vyacu, ntabundi bukiriro dusigarana atari Yesu umucunguzi.

Muri ico gihe turashobora gukizwa. Dutegerezwa kumenya ko dushobora kuba intungane canke inka n'imirima imbere y'Imana bituvuyeko twebwe nyene. dutegerezwa rero kwemera imbere y'imana ko turi abacumuzi bagenewe umuriro udahera, tugasenga kugira atugirire imbabazi tuti: "Mana ndagusavye unkize ibicumuro vyanje kandi ungirire ikigongwe".

Dusa n'abafata co kimwe iki gisabisho ca Dawudi nk'ijambo ryanditswe n'Imana: *"unyoze ikosa ryanje ryose kandi unkure igicumuro" (Zabuli 51:4).*

Yari azi ko afise umuzigo w'ibicumuro bihagije kugira aje Mu muriro udahera, mugabo yaravyemeye imbere y'Imana. "unyise umunyavyaha, ndiwe; unyise intungane, ndi we; unkijije, nzokira; undungitse mu muriro udahera nzohera yo".

Uko ni kwo kwemera nyakuri. Uko niko dushobora gukizwa. Niko dutegerezwa kumera niyo twaba dushaka kwitegurira urukiza rwa Yesu.

DUTEGEREZWA KUMENYA NEZA NA NEZA ICO ARI CO IBICUMURO VYACU

Ko twase twavutse kuri Hadamu, twese dufise inyosha mbi mu mutima wacu. Mugabo Imana itubwira iki? Itubwira ko tutosambana. Ku mutima, twumva twipfuza kwica, Imana ikatubwira iki? Imana itubuza kwica. Ku mutima wacu tugomba kwigera abavyeyi, mugabo Imana nayo ikatubwira kwubaha abatuvyaye. Dutegerezwa kwumva ko ayo majambo yose ari ay'ukuri, ari meza, kandi ko dufise igicumuro twese mu mutima.

Ndi intungane canke si ndi yo? Muri ico gihe twogira iki imbere y'Imana? Dutegerezwa kwemera ko dufise umuzigo wibicumuro, ko turi abacumuzi batakivayo. Ntibikwiriye ko twibaza ko twari beza hirya y'ejo kuko twakoze ineza, ubu tukavuga ko turi abacumuzi kuko twakoze ibicumuro uno musi. Twavutse turi abacumuzi. Uko bizogenda kwose tuzoguma turi abacumuzi. Nico gituma dutegerezwa gucungurwa n'Ibatisimu ya Yesu.

Nti turi abacumuzi kubera ivyo twakoze: ubusambanyi, ukwiba, ukwica n'ibindi…..mugabo turi abacumuzi kubera twavutse turi abacumuzi. Twavukanye ubwoko 12 bw'ibicumuro. Kuko twavutse turi abacumuzi hose mu maso y'Imana. Nti dushobora guhinduka beza ivyo twokora vyose. Turashobora gusa kurondera kuba beza.

Twavukanye imitima yuzuye ubwicanyi, ubusuma n'ibindi……birashoboka ko tuvuga ngo turi intungane kubera muri uno mwanya ata bicumuro dukora? Ntituzoshobora na rimwe kubera tubishatse. Tuvuze ko turi intungane, uko ni ukwigira mazarahisha. Yesu yise *"mazarahisha"* Abafarizayo n'abakarani.

Abantu bavutse ari abacumuzi. Baracumura imbere y'Imana mu kubaho kwabo.

Umuntu avuga ko atigeze arwana canke atawo yigeze akubita cankeko ata n'urushinge arigera yiba uwundi mu buzima bwiwe bwose aba ari umucumuzi kuko umuntu yavutse ari umucumuzi. Ni umubeshi, umucumuzi kandi ni mazarahisha. Uko niko Imana ibibona.

Mwavutse muri abacumuzi. Naho mwoba atagicumuro mwakoze, muzoja mu muriro udahera. Naho mwoba mugumya itegeko n'amabwirizwa atari make, muguma muri abacumuzi ivyo ari vyo vyose bagenewe umuriro udahera.

None ngaha twokora iki usanga amaherezo yacu ari uko ameze? Dutegerezwa gusaba ikigongwe ciwe tugahanga amaso urukiza rw'ibicumuro vyacu kuri we. Atadukijije, ntakundi tuzoja mu muriro udahera, azoba ari vyo twagenewe.

Abemera ijambo ryiwe, baremera kandi ko ari abacumuzi babushitse. Bakongera bakamenya kandi ko ari intungane. Ni ukuvuga ko bazi ko guterera hasi ijambo ryiwe nt'uryemere ari igicumuro. Abemera ijambo ryiwe ni abantu b'intungane naho boba bari abacumuzi imbere yaho. bavutse bushasha muri Jambo kandi baronse inema yiwe. Abo nibo bahiriwe kurusha abandi.

ABAGERAGEZA GUKIZWA N'IVYO BAKORA BAGUMA ARI ABACUMUZI



Turabe Galate 3:10-11: *"abishimiraibikorwa vy'ibwirizwa bose barahanamiwe n'umuvumo, kuko handitswe ngo arakavumwa uwo wese atihambirira ku vyanditswe vyose mu gitabu c'ibwirizwa ngo abirangure. Kuko ata n'umwe ibwirizwa rishobora kugira intungane mu maso y'Imana, ni icibonekeza kuko intungane yose ibeshwaho n'ukwemera"*.

Biranditswe ko uwo wese atarangura ivyanditswe vyose mu gitabu c'ibwirizwa azovumwa. abemera Yesu mugabo bagerageza kwigira intungane mu maso y'imana baravumwe. bari he abagerageza kwigira intungane mu maso y'Imana? Bari munsi y'imivumo y'Imana.

Kubera iki Imana iduha ibwirizwa? Yaduhaye ibwirizwa kugira tumenye ibicumuro (Abaromano 3:20). Kugira atumenyeshe ko turi abacumuzi buzuye bategerezwa kuja mu muriro dahera.

Ico dutegerezwa gukora rero ni ukwemera mw'Ibatisimu ya Yesu umwana w'Imana, mukavuka bushasha mu mazi no muri mutima. Aho rero muzoba mukize, mube intungane, muzogira ubuzima budahera kandi muzoja mw'i paradizo. Ni musangwe ukwemera mu mitima yanyu.

IGICUMURO KIRUSHA IBINDI GUSHIRUKANYA



Ni kintu na kimwe kiruta kwemera Imana. duhezagirwa iyo dufise ukwemera mu

muhezagiro wiwe. Yaremeye gukiza abemera bose ijambo ryiwe.

Mugabo muri iki gihe hariho benshi bagerageza kwisunga ibwirizwa ryiwe mu buzima. Abakristo benshi ubu ni ko bameze. Ni vyiza ko bagerageza kwisunga ibwirizwa mu buzima bwabo. Mugabo ivyo vyoshoboka gute?

Dutegerezwa gutegera ko uwibaza ko ashobora kubaho kw'ibwirizwa aba adakomeye neza mu mutwe. Uko ugerageza ni ko biguta ku w'amazi. Yatubwiye ko "ukwemera kuva mu vyo twumva kandi ko ivyo twumva biva mw'ijambo ry'Imana". Dutegerezwa gutana n'ikigazuzo ugushirukanya kwacu niho tuzokizwa.

DUTEGEREZWA GUHEBA INGENDO ZACU KUGIRA DUSHOBORE GUKIZWA



Umuntu yogira iki kugira ashobore gukizwa? Yomenya ko ari umucumuzi. Hariho abantu benshi badashobora gucungurwa kuko badashobora kuvavanura n'ivyiyumviro vyabo bibi n'ibikorwa vyabo.

Imana ivuga ko abihambira ku gitabu c'ibwirizwa ni ibivume. Abibaza ko bashobora kuba intungane babandanije kwemera uko bukeye uko bwije muri Yesu canke mu kubaho nk'uko ibwirizwa ribivuga bari kumwe

n'umuvumo w'Imana. baremera imana mugabo bakibaza imisi yose ko bategerezwa kubaho nk'uko ibwirizwa rivuga kugira bakizwe.

Bagenzi, twoshobora kubeshwaho n'ivyo dukora mu gihe tukiri bazima. Tuba intungane igihe co nyene twemera ijambo rya Kristo kandi niho dukizwa.

Nta handi dushobora gucungurwa atari igihe dufise ukwemera mw'Ibatisimu ya Yesu, mu maraso yiwe, no mu kwemera ko Kristo ari imana kandi dushobora gucungurwa.

Nico gituma imana yaduteguriye ibwirizwa ry'ukwemera ngo ritubere inzira yo kuba intungane. Gucungurwa mu mazi no mu maraso ntibiva mu cuya c'abantu ahubwo biva mu kwemera ijambo ry'Imana. Kandi Imana yaducunguye kubera ukwo kwemera. Uko ni ko Imana yabiteguye kandi niko yabiranguye.

Kubera iki abemera Yesu badacungurwa? Kubera batemeye ijambo ry'ugucungurwa mu mazi na Mpwemu. Ariko twebwe naho dufise agatosi nk'abandi, ukwemera kwacu mw'ijambo ry'Imana biraducungura.

Iyo hari abantu babiri bariko bakoresha imbazo, uwuri inyuma y'uwundi azoguma abandanya gukora naho uwundi yoba yafashwe. uwasigaye inyuma ni uyo ataracungurwa, nico gituma azo guma agerageza kandi kugira akizwe. Kubera iki umwe afatwa uwundi nawe ntafatwe?

Kubera umwe yumvirije kandi akemera ijambo ry'Imana. Uwundi yakoze akabira icuya kugira agumya ibwirizwa yatawe mu muriro udahera. Yarikwegeye ku Mana mugabo Imana yaramwikunkumuye nka kurya twikunkumura udukoko twibohereye ku maguru yacu. Umuntu agerageza kwikwegera ku Mana, mu kugerageza kuzigama ibwirizwa, nta nkeka azotabwa mu muriro udahera.

Nico gituma dutegerezwa gukizwa n'ukwemera kw'amazi na Mpwemu.

"Abishimiraibikorwa vy'ibwirizwa bose barahanamiwe n'umuvumo, kuko handitswe ngo arakavumwa uwo wese atihambirira ku vyanditswe vyose mu gitabu c'ibwirizwa ngo abirangure. Kuko ata n'umwe ibwirizwa rishobora kugira intungane mu maso y'Imana, ni icibonekeza kuko intungane yose ibeshwaho n'ukwemera" (Galate 3:10-11, Abaromani 1:17).

Kutemera ijambo ry'Imana ni igicumuro ku Mana. Ni igicumuro kandi kwiyobagiza ijambo ry'Imana kubera imico ihuza bose. Twebwe abantu, ntidushobora kubaho nk'uko amabwirizwa abivuga kuko twese twavutse turi abacumuzi. Kandi turabandanya gucumura ubuzima bwacu bwose. Turacumura gatoya ngaha, gatoya hariya, eka ahantu hose turoye. Dutegerzwa kwumva ko twaremywe mu mubiri tudashobora kureka gucumura.

Umuntu ni nk'igivumvu c'amase. Uwucikoreye agenda arasesa inzira yose amase ari mwo. Natwe dusa nk'uko. Tugenda turasesa ibicumuro vyacu aho duciye hose. Murashobora kuvyibaza?

Ariko none ngaho mwokwuhbahuka kwigereranya n'Imana? Niyo mwaba mwebwe nyene mushobora kwibona neza, ni mureke guta umwanya mwigira abatagatifu, mwemere mu mazi no mu maraso ya Yesu.

Dutegerezwa guheba ukatabwirwa kwacu, tukemera ko turi abacumuzi imbere y'Imana. Munyuma, tukagaruka kw'ijambo ryiwe tukamenya ingene yadukijije akoresheje amazi na Mpwemu. ✉

INYIGISHO YA 2

Umuntu yavutse ari umucumuzi



Umuntu yavutse ari umucumuzi

< Mariko 7:20-23 >

"Mariko yatubwiye ati 'Nkako imbere mu mutima w'umuntu niho hava ivyiyumviro bibi, ubusambanyi, ubusuma, ukwicana, uguhemurika abagenzi, umunoho, indambi, uburyarya, ubushegabo, ishari, ukwararaza, ubwishime, uburogorogo. Ayo mabi yose ava imbere mu mutima niyo ahumanya umuntu.'"

ABANTU BARAVANGA IBINTU KANDI BARIRARIRA



Imbere yo kubandanya nagomba ndababaze ikintu kimwe. Mwibaza iki kuri mwebwe nyene? Mwibaza ko muri beza canke muri abanyavyaha? Muvyibaza ko iki?

Abantu bose baguma barirarira. Kumbure nti muri babi canke beza nk'uko muvyiyumvira.

None ku bwanyu, ni nde azobaho ubuzima bwiza bwuzuye ukwemera? Yoba ari uwibaza ko ari mwiza canke uwibaza ko ari mubi? Ni uwo wanyuma. Aho, none nibande bashobora gucungurwa bitagoranye kurusha abandi?

Abakoze ibicumuro bike canke abakoze ibicumuro vyinshi? Abakoze ibicumuro vyinshi barashobora gukizwa kurusha abandi kuko barazi ko ari abacumuzi. Barashobora kwemera kurusha abandi kwemera incungu yabateguriwe na Kristo.

Twihweje twebwe nyene twitonze, turashobora kubona ko twuzuye ibicumuro. Umuntu ni iki? Umuntu ni *'imbuto y'ikibi'*. Muri Esaya 59, handitswe ko mu mu mutima w'umuntu harimwo ubwoko bwose bw'akarenganyo. Mugabo hamwe twovuga ko umuntu yuzuye ibicumuro, abenshi ntibovyemera. Kuvuga ko umuntu ari *'imbuto y'ikibi'* ni insiguro irashe. Twiravye ata kwishira hejuru, tuzosanga turi abanyavyaha. Abantu b'imvugakuri bobo bazobibona gurtyo. Mugabo umengo ntabantu benshi bariho bemera ko bafise umurundo w'ibicumuro. Abantu benshi biberaho borohewe kuko batifata ko ari abacumuzi. Kubera dufise indambi, twazanye imico yuzuyemwo ibicumuro. Iyo hataba hari abantu benshi badashaka kwemera ubucumuzi, bomaramajwe n'ibicumuro vyabo. Mugabo hariho benshi bameze nkabo ku buryo batitera isoni bonyene.

Ariko ubwenge bwabo burabizi. Umuntu wese arafise ubwenge bu mubwira buti "birateye isoni". Adamu na Eva barinyegeje mu biti bamaze gukora igicumuro. Ubu abantu benshi barinyegeza inyuma y'imico yacu igayitse, akamere ko gucumura dufise. Binyegeza inyuma y'abandi bacumuzi kugira bikinge urubanza rw'Imana.

Abantu barihenda kandi barirarira. Bibaza ko ari aberanda kurusha abandi. baritanganiza bakavuga ngo bishoboka gute ko umuntu ashobora gukora ibintu bibi gurtya? Bigenda gute ngo umuntu wa Ekleziya yigenze gurtya? Ngo bigenda gute ngo umwana acumure ku bavyeyi

biwe? Bibaza ko bobo badashobora gukora ibintu nk'ivyo.

Bagenzi, biragoye cane kumenya kamere k'umuntu. Niyo twaba tugomba kwimenya uko tumeze nyene, dutegerezwa kubanza gukizwa ubwa mbere. Ni urugamba rufata umwanya, hari n'abatazokwigera babironka gushika ku musi w'urupfu rwacu.

NI UBANZE WIMENYE WEWE NYENE



Rimwe na rimwe hari aho turaba umuntu tugasanga ntiyiyizi. Sokrate yavuze ati: "banza wimenye wewe nyene". Abantu benshi ntibazi ikiri mu mutima wabo. Ubwicanyi, ubusuma, ubukunzi bw'inda, indambi, ukwiyorobeka, ubuhumbu, ukwipfuza….

Umutima wiwe wuzuye ubumara bw'inzoka mugabo ku karimi akigira umuntu w'ingingo. Kubera atazi ko ari umucumuzi kuva akivuka.

Hariho abantu benshi batazi kwiraba. Barihenda bakigumira bijandajandira mu binyoma vyabo. Bo nyene ni bo bariko barihutira kuja mu muriro udahera. Bazoja mu muriro udahera kubera ukwihenda kwabo.

ABANTU BAMA BAKWIRAGIZA IBICUMURO UBUZIMA BWABO BWOSE



Turabe muri Mariko 7:20-23. avuga ati: *"nkako imbere mu mutima w'umuntu niho hava ivyiyumviro bibi, ubusambanyi, ubusuma, ukwicana, uguhemurika abagenzi, umunoho, indambi, uburyarya, ubushegabo, ishari, ukwararaza, ubwishime, uburogorogo. ayo mabi yose ava imbere mu mutima niyo ahumanganya umuntu"*. Umutima w'umuntu wama wuzuye ivyiyumviro bibi kuva umuntu asamwe mu nda ya nyina.

Dufate ko umutima w'umuntu woba ari nk'ikirahuri c'uzuye amazi mabi gushika ku bunwa, ni ukuvuga ibicumuro vyacu. hoshika iki hamwe umuntu yotangura kugitemberana ku mutwe aja imbere yongera subira inyuma? Nta nkeka ko ayo mazi mabi, (ni ukuvuga vya bicumuro) ko yoca aseseka hasi. Uko agenda ni ko ayo mazi yogenda akwira hose.

Uko rero niko twebwe abantu buzuye ibicumuro tubayeho. tugenda turakwiragiza ibicumuro vyacu aho turoye hose. Tuzoguma ducumura ubuzima bwacu bwose kuko turi ikirundo c'ibicumuro.

Ingorane ni uko tutabona ko turi umuzigo w'ibicumuro kandi turi imbuto y'igicumuro. Twuzuye ibicumuro kandi igicumuro kiri mu mutima wacu. Umuntu ni uko ameze.

Uyo muzigo w'ibicumuro wama uzunganzunga ugomba kumeneka hasi. Icaha c'umuntu ni uko yibaza ko wewe atari

umucumuzi mugabo ko ari abari iruhande yiwe canke mu kibano ciwe bamutuma acumura akibaza ko atari ikosa ryiwe.

Niho naho yoba yakoze ikintu kijanye n'igicumuro, yibaza ko ikintu conyene ashobora gukora ari ukucuhagira ntihagire agatosi na gato gasigara. Abandanya acuhagira naho coba kiriko kirasesekara, akibaza ko wewe ata kosa afise. None kubera twacogeje vyonyene gusa, vyobuza ko tugenda turagikwiragiza hose munyuma? Dutegerezwa kubandanya tucoza tudahengeshanya.

Iyo ikirahuri cuzuye amazi, aguma aseseka hasi. Ntaco vyomara kubandanya twiyoga inyuma. turashobora kwiyoza ku rukoba uko dushaka, ariko mu gihe mu mutima wacu hacuzuye ibicumuro ntaco bizohindura.

Umuntu yavukanye umutima wuzuye ibicumuro ku buryo naho yorara arabicuranura kuva aha n'ibuha atobimara. Dutegerezwa kuguma ducumura ubuzima bwacu bwose rero.

Mu gihe umuntu ataramenya ko ari intundura y'ibicumuro, azoguma agerageza kubinyegeza. igicumuro kiri mu mutima w'umuntu kandi ntawushobora kugihanagura mu kwoza urukoba. Asesa bikeya agaca avyihanaguza isume, umukubuzo canke uburengeti n'ibindi…. aguma yibaza ko yobandanya yihanagura ashobora kuba mwiza….mugabo bikabandanya biseseka bikanka guhera.

Mwibaza ko ibicumuro bizomara igihe kingana gute? Bizobandanya gushika ku rupfu. Abantu bazoguma bacumura ubuzima bwabo bwose. Nico gituma dutegerezwa kwemera muri yesu kugira dushobore gukizwa. Kandi kugira dushobore gukizwa dutegerezwa kubanza kwimenya ingene tumeze.



Dufate abantu babiri boba bameze nk'ibirahuri bibiri vyuzuye amazi mabi. Ikirahuri cose cuzuye ibicumuro. Kimwe kikiraba kikavuga kiti, "mbega umucumuzi!" Hanyuma agaheba akaja kurondera uwundi yoshobora kumufasha.

Mugabo uwundi abandanya yibaza ko atari mubi. Ntashobora kubona umuganda w'ibicumuro umwuzuyemwo. ubuzima bwiwe bwose, azobandanya yiyoza imicafu. Azokwoza uru ruhande, ahejeje asubire urundi ruhande, ahindura ahindukiza….

Hariho abantu benshi bagenza buhoro ubuzima bwabo bwose bakagira ibicumuro bike mu mutima wabo, mugabo naho ari bike birakwiragira hose. None ko hariho ibicumuro bimwe bibasigara mu mutima, iciza baba bahakuye ni ikihe? Kugenza buhoro si vyo namba bizotuma twegereza mw'i paradizo. 'Kugenza buhoro' bijana umuntu mu nzira y'umuriro udahera. Bagenzi, 'kugenza buhoro' ntahandi bibajana atari mu muriro udahera. umuntu agenza buhoro, kumbure ibicumuro vyiwe ntibizokwira hose nk'ivy'abandi. Mugabo aguma ari umucumuzi yiyorobetse.

Ni igiki kiri mu mutima w'umuntu? Igicumuro? Ubuhumbu? Ego. Ivyiyumviro bibi? Ego. Ubusuma? Ego. Ubwishime? Ego.

Tumenya ko dufise umuganda w'ibicumuro iyo tubonye ko ivyo dukora bigayitse naho atawoba yabanje kubitwigisha. kumbure ntivyoroshe kumenya umuntu akiri muto.

None bigenda gute iyo umuntu amaze gukura? Iyo tugiye mu mashule yisumbuye canke muri kaminuza, n'ahandi, tuhamenyera ibicumuro dufise muri twebwe. Nivyo? Kandi ntibikunda ko dusubira kubinyegeza. Nivyo? Tubandanya

tubikwiragiza. Tukigaya tuti, “sinzosubira na rimwe”. Mugabo ntaco dushobora guhindura. Kubera iki? Kubera ko twese twavukanye umuganda w’ibicumuro.

Kugenza buhorobuhoro si vyo bitugira aberanda. Ico dutegrezwa kumenya ni uko twavukanye umuganda w’ibicumuro kuburyo tudashobora gucungurwa bikwiye. Ariko igishoboka ni uko abamera urukiza twateguriwe na yesu nibo bazocungurwa.

Mugabo abibaza ngo ‘jewe ntabibi vyinshi nakoze. Ngo ntabicumuro vyinshi mfise’, ntibemera ko Yesu yakuye abantu ibicumuro kandi bategrezwa kuzoja mumuriro udahera. Dutegerezwa kumenya ko dufise uwo mutekero w’ibicumuro muri twebwe. Twarabivukanye.

Niyo mwaba mwibaza ngo, ‘nta kabi kenshi mfise, iyomba noshobora gucungurwa ivyo bicumuro bikeya mfise’, muzoshobora kwiganzura ibicumuro vyanyu gute? Nta n’umusi umwe.

Abashobora gukizwa ni abazi ko buzuye ibicumuro. Barazi ko Yesu yakuye ibicumuro mu kubatizwa mu ruzi rwa Yorodani kandi ko yabihanaguye ku musaraba.

Dukizwa tudakizwa, twese turibesha. Turi umuganda w’ibicumuro. Niko tumeze. Twemeye ko Yesu yadukuye ibicumuro vyose ni ho dushobora gucungurwa.

IMANA NTIKIZA ABANTU BAFISE IGICUMURO GITOYA CONYENE



Imana ntikiza abafise ‘igicumuro gitoya’ conyene. Imana ntinaraba abo bavuga ngo ‘Mana, jewe mfise igicumuro gitoya’. Abo araba bonyene ni abavuga bati, ‘Mana, jewe nuzuye ibicumuro. nzoja mu muriro udahera. Ndagusavye unkize’. Abacumuzi bakwiye bavuga bati, ‘ndashobora gukizwa niyo wankiza. Si ngishoboye kuvuga ibisabisho vyo kwigaya kuko nohava nsubira gucumura. ndagusavye inkize ubishatse’.

Imana ikiza abahanze amaso kuri we wenyene. Naramaze kubigerageza. Mugabo ibisabisho vyo kwigaya nta na rimwe bidukura mu buja bw’igicumuro. “Mana, ndagusavye, ngirira ikigongwe kandi unkize ibicumuro vyanje. Uwusenga gurtyo azokizwa. Aremera umucunguzi w’imana, ibatisimu Yesu yahawe na Yohana Batista. Uwo azo kizwa.”

Imana ikiza abemera bonyene ko buzuye ibicumuro, imbuto z’ibicumuro. Abavuga ngo, “narakoze kirya gicumuro gitoya. ngirira ikigongwe ku bwawe”, bazoguma ari abacumuzi kandi imana ntizobakiza. imana ikiza gusa abazi ko buzuye ibicumuro.

Muri Esaya 59:1-2, biranditswe ngo, *“ukuboko kw’uwuhoraho ntikwabaye kugufi ngo kunanirwe gukiza, n’ugutwi kwiwe ntikwapfuye ngo kunanirwe kwumva. Ariko ubugaba bwanyu nibwo bwabatandukanije n’imana, kandi ivyaha vyanyu ni vyo vyabakingiriye mu nyonga zayo, biyibuza no kubumviriza”*.

Kubera umuntu yavutse yuzuye ibicumuro, imana ntishobora kumurabana urukundo. Si ukubera ukuboko kwiwe ari kugufi canke amatwi yiwe yazivye ko atatwumva iyo turiko tumusaba ikigongwe.

Imana itubwira iti, *“ubugaba bwanyu nibwo bwabatandukanije n’Imana, kandi ivyaha vyanyu ni vyo vyabakingiriye mu nyonga zayo, biyibuza no kubumviriza”*. Kuko dufise ibicumuro birenze

urugero mu mutima wacu, ntidushobora kwinjira mw'iparadizo naho umwango woba wuguruye wose.

Ko umuntu yuzuye ibicumuro, iyaba igihe cose acumuye aca agirirwa ikigongwe uko agisavye, imana yotegerezwa kwama yica umwana wayo imisi yose. Ivyo Imana ntishaka kubigira. Niho itubwira iti, "ntuzane ibicumuro vyawe imisi yose. Nakurungikiye umwana wanje kugira agukize ibicumuro vyose. Ikintu conyene ushobora gukora ni ukumenya ingene yakuye ibicumuro vyose abantu ukaraba ko ari ukuri. Mu nyuma wemere inkuru nziza y'urukiza kugira ukizwe. Nirwo rukundo rukuru ndagukunda, kiremwa canje".

Nivyo atubwira. ati "Emera umwana wanje ucungurwe. Jewe Imana, narungitse umwana wanje ngo yuhagire ibicumuro vyose et iniquités. emera umwana wanje ukizwe".

Abatazi ko buzuye umuganda w'ibicumuro basaba Imana ngo ibagirire ikigongwe ku bicumuro vyabo bitoya. Bari imbere yiwe batazi umusozi w'ibicumuro vyabo ingene ungana, bagasenga ngo: "ndagusavye ungirire ikigongwe ku gicumuro gitoya nakoze sinzosubira na rimwe".

Barageregeza kandi kubesha imana. ntuducumura rimwe ryo nyene, ahubwo tubandanya ducumura gushika dupfe. Bategerezwa guheba gusaba ikigongwe gushika ku musi wanyuma wabo.

Kugiriwa ikigongwe ku gicumuro gitoya ntaco bimaze kuko turacumura imisi yose gushika umusi wacu w'ugupfa. Ni ukuvuga ko inzira imwe yonyene iriho kugira umuntu ashobore gukizwa ari guherereza ibicumuro vyose Yesu.



Bibiliya irashira kurutonde ibicumuro vy'abantu.

Muri Esaya dusoma ngo: *"kuko amaboko yanyu yansujwe n'amaraso, n'intoke zanyu zandujwe n'ububegito, iminwa yanyu yama ivuga ibinyoma, ururimi rwanyu ruvugira ibinyoma mu natamatama. ntawitwarira uwundi mu buryo buroranye, nta n'uwuburana ivy'ukuri; bemera ivyijiji bakavuga ibisunitswe n'umuyaga, bavyara agacinyinyizo bakajisha imigozi nk'iyibitangurirwa. Amagi yabo avamwo isato kandi uwuyariye aramwica. Ibitambara vyabo ntibivamwo impuzu, kandi ntibashobora kwambara impuzu bajishe. Ivyo bakora ni ukurenganya abandi. Iminwe yabo yuzuye amaraso. Ibirenge vyabo vyirukira bitumbera ikibi, biraribwaribwa vyihutira kumena amaraso y'abatazi ico bazira; bafise ivyiyumviro vyuzuye akarenganyo, bari mu nzira yo kuyogera no gusambuka. nti bazi inzira y'amahoro, kandi nta bugingo bubazwa aho baciye, baca mu nzira zijuragiza: uwuyiciyemwo ntiyigera aronka amahoro" (Esaya 59:3-8).*

Intoke z'umuntu zarahumanijwe n'ububisha kandi zama zikora inabi ubuzima bwose. Nta kindi zizi gukora atari ikibi. Kandi ururimi rwacu *"rwarabeshe"*. Ntakindi gisohoka mu kanwa *kacu atari ibinyoma.*

"Iyo ariko arabesha, amajambo yiwe amuvamwo" (Yohana 8:44). Abatavutse ubwa kabiri barakunda kuvuga ngo: "ndakubwiye ukuri…..ndakurahiye. Ivyo nkubwiye n'ibivy'ukuri…". Ariko imisi yose biba ari ibinyoma. Nka kurya vyanditse ngo *"iyo ariko avuga ikinyoma, amajambo avuga amuvamwo we nyene"*.

Abantu birega mu majambo ataco amaze kandi bakwiragiza ibinyoma. Inda z'abantu zitwaye ikibi zikibaruka akarenganyo. Umuntu ata abundikira amagi y'isato akajisha ururenga

nk'urw'igitangurigwa. Imana itubwira iti uwuriye amagi y'abo azopfa, kandi azokwasama nk'isato yafyonyotse. Mwa bana b'isato, ikibi cuzuye imitima yanyu. Ni mukizwe mu kwemera inkuru nziza y'amazi n'amaraso.

Igihe cose ntanguye kuvuga imana, hariho abantu baca bavuga ngo: "ndagusavye ntusubire kumbwira imana ni waba unkundiye. Igihe cose ngerageje gukora ikintu, ibicumuro bica bimvamwo. Birazungazunga. Sinshobora kugira intambwe n'imwe bidasesetse hirya no hino. Nta na kimwe nshoboye guhindura. Reka rero kumbarira ivy'Imana".

Mwene uyo muntu arazi ko yuzuye ibicumuro mugabo ntazi neza inkuru nziza ishobora kumukiza. abayizi ko buzuye ibicumuro barashobora gukizwa.

Mu bisanzwe uko niko abantu bose bameze. Baruzuye ibicumuro no hejuru ku bunwa kuko ni umuganda w'ibicumuro. ububasha bw'imana bwo nyene nibwo bushobora gukiza umuntu nk'uyo. Mwumva bidatangaje? Abakwiragiza ibicumuro mu gihe baba bamerewe nabi, banezerewe, borohewe…umukama wacu Yesu ni we wenyene ashobora kubakiza. Yesu yaje kugira akize aba bantu.

Kandi yaracunguye ibicumuro vyacu vyose ata na kimwe kivuyemwo. Ni wimenye wewe nyene ko wuzuye ibicumuro hanyuma ushobore gukizwa. ✉

INYIGISHO YA 3

None tuzoshobora gukizwa niyo twigenza uko ibwirizwa ridutegeka?

None tuzoshobora gukizwa niyo twigenza uko ibwirizwa ridutegeka?

< Luka 10:25-30 >

"Luka atubwira ati: Araheza umwigisha umwe yari aho ava hasi ngo amugeze abaza Yesu ati: 'Mbega mwigisha nokora iki kugira nze ntorane ubuzima budahera?' Yesu nawe aramwishura ati: 'None mu mabwirizwa handitswe iki? Uhora usomamwo iki?' Uno nawe amwishura ati: 'Urakunda Umukama Imana yawe n'umushaha wawe wose, n'umutima wawe wose, n'amagara yawe yose, n'ubwenge bwawe bwose.' Yesu nawe ati: 'Wishuye neza: genda, ugire gurtyo nyene, uzohoraho.' Ariko wa mwigisha arondera ingene yokwikurayo abaza Yesu ati: 'Mbega mugenzanje ni nde?'"



Muri luka 10:28, yezu avuga ati: *"genda ukore gurtyo, uzohoraho".* abantu barishinga ibintu vyinshi vy'ibihendamaso. Umuntu yokwibaza ko badashobora kwihanganira ivyo bintu.

Bigira abanyabwenge mugabo ntibazi akagwara kabo. twavutse tutiyizi twebwe nyene ariko tubandanya tubaho nk'uko vyoba ari ibisanzwe. kubera abantu batiyizi bo nyene, Bibiliya itubwira ko twavutse turi abanyavyaha.

Abantu baravuga ko ibicumuro vyabo biriho. kandi rimwe na rimwe, womengo abantu nti

bashoboye na kimwe kandi baguma bibaza ko ari beza. bashaka kwishima iyo bakoze iciza kandi bakacerekana. bavuga ko ari abacumuzi mugabo bakifata nk'uko boba ari beza cane barazi ko ata ciza kiri muri bo kandi ko ata bushobozi bafise bwo gukora iciza mugabo bakagomba guhuma amaso amakungu rimwe na rimwe bakibesha bo nyene. "Kira ntidushobora kuba babi hose. Turafise nawenu iciza na gikeya muri twebwe".

Uko ni ko baraba abandi bakavuga ngo: "oho! si nari kwipfuza ko akora iki. Ivyiza kuri we ni uko atokora iki. Vyoba vyiza kuri we avuze gurtya. Nibaza ko vyoba vyiza umuntu yigishije inkuru nziza gurtya. yacunguwe imbere yanje, none nibaza ko akwiye kwigenza nk'umuntu yacunguwe. Niho ngicungurwa, ni namenya vyinshi, nzokora iciza kurusha ubu".

Bariko barashimangira intambi mu mitima yabo. 'Ni murindire. Muzobona ko ntari nkamwe. Mwibaza ko ubu uri imbere yanje, si ko? Rindire. Biranditswe muri Bibiliya ko abari inyuma bazoja imbere. Ndazi ingene nzobigira na nje. Ni murindire nzobereka'.

Abantu barihenda bo nyene. Naho yoba yakoze co kimwe na we, hamwe yoba ari mu kibanza ciwe, azomucira urubanza. ahagaze ku gicaniro, azoja abona ariko arajugumira, abure ico akora, hanyuma azomenya ingene asa hejuru ku rukoba.

Abavugabutumwa bategerezwa kuraba imana yo nyene, batabanje kwibaza ico abandi bashobora kubiyumvirako. Atari aho, ntibazoshobora kwigisha Imana. Iyo ubajije ko abantu bafise ubushobozi bwo gukora iciza, benshi bavuga ko abantu atabwo bafise. Mugabo bobo bakihenda ngo barabufise. Ni ukuvuga ko binanata gushika ku musi w'urupfu.

Bibaza ko bafise ubwiza mu mutima wabo, ko bafise ubushobozi bwo gukora iciza. Bibaza na bonyene ubwabo ko ari beza bihagije. Bataravye

umwanya uhaciye bavutse ubwa kabiri, n'abateye imbere cane mu ndagano y'imana bibaza ngo: "ndashobora gukora iki kandi ndagikoreye Imana!"

Ariko iyo tutaba dufise imana mu buzima bwacu, twoshoboye kuba beza vy'ukuri? Hoba hari iciza kiri mu muntu? Arashobora gukora ivyiza mu buzima bwiwe? Umuntu nta bushobozi afise bwo gukora ivyiza. igihe cose agerageje gukora ikintu ku gushaka kwiwe, aracumura.

Benshi barirengagiza yesu bamaze gukizwa, bakagomba gukora ivyiza ku gushaka kwabo. nta kindi dufise mu mutima wacu atai ikibi. Ico tuzi gukora co nyene ni ikibi. Aho ubushobozi bwacu bugera (eka mbere no kubakijijwe), nta kindi dushobora atari ugucumura. Uko niko umubiri wacu umeze.



Mu gitabu cacu c'uguyagiza umukama *'Nihaninahazwe umukama',* hariho indirimbo imeze gurtya: *'tutarikumwe na yesu turatsitara.'* Ntaco tumaze nk'ubwato buri mu kiyaga butagira ihema. tutarikumwe na Yesu ntakindi dushobora atari gucumura. Tuba beza gusa kubera twakijijwe. Mu vy'ukuri, turi abanyavyaha.

Umutumwa Paulo yavuze ati: *"si nkora iciza nk'uko ndabishaka, mugabo nkora ikibi ntashaka gukora"*. Umuntu ari kumwe na Yesu ntaco. Mugabo ataco apfana n'Imana, agerageza gukora ivyiza imbere yiwe. Mugabo uko agerageza niko abona ko ari ko akora inabi.

N'umwami Dawudi ni ko yari ameze. Igihe igihugu ciwe cari kimerewe neza mu mahoro, yipfuza ivy'abandi. Yarabona amasanamu y'ibisayangana akumva aravyipfujije. Yari asigaye asa gute amaze kwibagira umukama? Yari asigaye ari umunya vyaha cane. Yarishe atwara umugore w'uwundi, mugabo ntiyashobora kwibonamwo akabi. Ntiyabura ingene asigura ikibi yakoze.

Niho umusi umwe umuhanuzi Nathani yamwegera ati: *"habaye abantu babiri baba mu gisagra kimwe, umwe yari umutunzi uwundi akaba umukene. umutunzi yari afiseubusho bwinshi cane. umukene nta na kimwe yari afise atari agahene kamwe gusa. umusi umwe hashika ingenzi kwa wa mutunzi: wa mutunzi arengana ubusho bwiwe, afata ka gahene ka wa mworo ngo akazimane ya ngenzi ya mushikira". (2 Samweli 12:1-4)*

Dawudi yavuze ngo *"umuntu yagize ivyo bintu akwiriye gupfa"*. Ishavu ryiwe rimushungumira ati: "yari afise ubusho bwinshi, yari gushobora gufata ikimasa kimwe akakibaga. mugabo yahitanye agahene k'umukene kandi ariko yari afise ko nyene, aba ariko azimana umushitsi. Ategerezwa gupfa". niho Natani yamubarira ati: "wewe umeze nk'uyo muntu". Umuntu adakwirikiye Yesu canke atari kumwe na we, naho yoba yaravutse ubugira kabiri arashobora kumera nk'uko.

Ni co kimwe no ku bandi bose, n'abemera batavuyemwo. Imisi yose umuntu atari ku mwe na Yesu aratsitara. None turashimira kandi yesu yadukijije atarinze kuraba ikibi kiri mu muri twebwe. *"si nshaka kuguma munsi y'igitutu c'umusaraba"*. Imitima yacu iguma mu gitutu c'urukiza rwa Kristo. Mugabo tuvuye muri ico gitutu tukarondera kwigenga twebwe nyene, ntidushobora na rimwe kuruhuka.

IMANA YABANJE KUDUHA UBUTUNGANE BW'UKWEMERA IMBERE YO KUDUHA AMABWIRIZWA



Umutumwa Paulo yavuze ati Imana yaduhaye ubutungane bw'ukwemera imbere yo kuduha amabwirizwa. Ubutungane bw'ukwemera nibwo bwaje imbere. Yabuhaye Adamu na Eva, Gahini na Abeli, Seti na Enoke….buramanuka gushika kuri Nowe…..na Burahimu, abuha Izahaki, Yakobo n'abahungu biwe 12. Naho batari bafise ibwirizwa, barabaye intungane imbere y'imana kubera ukwemera ijambo ryiwe. Barahezagiwe kandi bararonka uburuhuko kubera ukwemera ijambo ryiwe.

Hanyuma imisi irahera, abana bamuka kuri Yakobo baba abashumba mu Misiri imyaka 400 kubera Yozefu. Hanyuma Imana irabahungisha icishije kuri Musa, gushika mu gihugu c'i Kanahani. Mugabo muri iyo myaka 400, baribagiye ubutungane bw'ukwemera.

Imana rero yagize ibitangaro ibajabukana ikiyaga gitukura ibajana mu bugaragwa. Bashitse mu bugaragwa bwo mu gihugu ca Sini, yabahaye ibwirizwa ku musozi wa Sinayi. Yabahaye amabwirizwa 6 arimwo ingingo 613 zitomora ibwirizwa. Ati ndi *"umukama Imana yawe, Imana yo kwa Burahimu, Imana yo kwa Isahaki, Imana yo kwa Yakobo. rungika Musa ku musozi wa Sinayi, hanyuma ndabahe ibwirizwa"*. Imana yahaye ibwirizwa Israyeli.

Yabahaye ibwirizwa kugira *"bashobore kumenya ibicumuro" (Abaromani 3:20)*. Kwari ukugira ibereke ico ikunda n'ico idakunda kandi

ibereke ubutungane bwayo n'ubutagatifu bwayo.

Abana ba Israyeli bose bari bamaze imyaka 400 mu bushumba bose barajabutse Ikiyaga Gitukura. Nti bari bwigere bahura n'Imana ya Burahimu, Imana ya Izahaki, Imana ya Yakobo. Nti bari bazi Imana.

Muri iyo myaka 400 bari abashumba, baribagiye ubutungane bw'Imana. Mu nyuma ntibari bagifise umurongozi. Yakobo na Yozefu bari abarongozi babo mugabo bari barapfuye. Ngo Yozefu yoba yaraniwe kuraga ukwemera abana biwe Manasi na Efrahimu.

Nico gituma bategerezwa gusubira gutora iyo imana iri kuko bari baribagiye ubutungane bwayo. Nico gituma imana yabahaye ubutungane bw'ukwemera ubwambere, hanyuma ikabaha ibwirizwa, bamaze kwibagira ukwemera. Yabahaye ibwirizwa kugira ibagarukane iwe.

Kugira akize abanya israyeli, kugira abagire abana biwe, abana ba Ibrahimu, yababwiye ko bokwisiramuza. Ico yashaka ubwa mbere mu kubahamagara kwari ukugira ngo bamenye Imana mw'ibwirizwa, ubwakabiri naho kugira bamenye ko bari abanyavyaha imbere yiwe. Yasahaka ko baza imbere yiwe bakaba abana biwe bamaze gukizwa n'inkuka y'incungu Imana yabahaye. Kandi yarabagize abana biwe.

Abana b'Isirayeli baracunguwe n'ibwirizwa umugenzo wo guhereza incungu mu kwemera umukama yari mu kuza. Mugabo umugenzo wo guhereza warahavuye uzimangana uko imisi yagenda. Turabe aho vyabereye.

Muri Luka 10:25 dusoma ngo: "hanyuma umwigisha umwe ava hasi abaza Yesu". Uyo mwigisha yari Umufarizayo. Abafarizayo bari abantu bizigitira ku migenzo yakera, bagerageza kwisunga ijambo ryiwe. Bari abantu bagerageza kugwanira igihugu cabo ubwa mbere kugira munyuma bashobore gukwirikiza ijambo ry'Imana. Aho hariho Abazelote bafise imbaraga

nyinshi kandi kenshi bagerageza gushika ku vyo bipfuza babicishije mu myiyerekano.



Hariho abantu bameze gurtyo no muri iki gihe. Usanga barongoye amashirahamwe batwarira icivugo imbere ngo "tugarukire ku bantu bacinyijwe mu buzima". Bibaza ko Yezu yaje gukiza aboro n'abacinyijwe. N'uko rero bariga teolojiya mu maseminari, baragira porotike, kandi barageregeza "kugarukira ku boro" mu bice vyose vy'ubuzima.

Nibo usanga bavuga bashimika ngo "nitwisunge twese ibwirizwa ryeranda ry'ikigongwe…ngo ni mwisunge ibwirizwa, mw'ijambo ry'Imana". Mugabo ntibamenya neza ico ibwirizwa rivuga. Bagerageza kwisunga ibwirizwa bakwirikije uko ryanditse, mugabo ntibamenya ico Imana yaburiye abantu mw'ibwirizwa.

Niho tuvuga ko mu myaka hafi 400 imbere y'ivuka rya Yesu ata muhanuzi yariho canke umusavyi w'Imana yariho. Bari bameze nk'ubusho bw'intama zitagira umwungere.

Ntibigeze baronka ibwirizwa canke umurongozi. Ico gihe imana ntiyigeze yihishurira abakuru b'amadini kuko bigira ba berahino. Igihugu caciye kiba icibare c'ubwami bw'Abaromani. hanyuma Yesu abwira abamukwirikiye mu bugaragwa mumu bana b'Isirayeli ati si nzo baheba ngo mwicwe n'inzara. yagiriye ikigongwe ubusho butagira umwungere. Hariho abantu benshi bari bababaye muri ico ghe.

Aho abakarani wamengo ni abantu bavukanye ububasha; Abafarizayo bari uruzogi rwa Israyeli na Yuda. Bariraba bakishima.

Hanyuma umukarani umwe abaza Yesu ati: *"mbega nokora iki kugira ngo ntorane ubuzima budahera?" (Luka 10:25)*. Yabona umengo nta wundi muntu n'umwe mu bana ba Isirayeli yoza amurusha ubutore. Uyo mwigisha w'amategeko (uyo ntiyari yarakijjwe) yagomba kugeza Yesu mu kumubaza ati *"mbega nokora iki kugira ngo nze ntorane ubuzima budahera?"*

Uyo mwigisha w'amategeko asa na twe ku gasaka. Yabajije Yesu ati *"mbega no kora iki kugira ngo nze ntorane ubuzima budahera?"* Yesu aramwishura ati: *"urakunda umukama imana yawe n'umushaha wawe wose, n'umutima wawe wose, n'amagara yawe yose, n'ubwenge bwawe bwose"*. Yesu nawe ati: *"wishuye neza: genda, ugire gurtyo nyene, uzohoraho"*

Yagomba kugeza Yesu atazi ko asanzwe na wenyene ari umunyavyaha, amahero y'ivyaha ata ciza na kimwe gishobora kumuvamwo. Hanyuma Yesu aramubaza ati: "none handitse iki mu mabwirizwa? Uhora usomamwo iki?"



"uhora usomamwo iki?" "wishuye neza; genda ugire gurtyo nyene, uzohoraho". Ni ukuvuga ngo: amabwirizwa wewe uyazi gute, uyumva gute?

Nk'uko abantu benshi bibaza muri kino gihe, uyo mwigisha w'amabwirizwa yibaza ko Imana yamuhaye amabawirizwa kugira ayagumye. Niho yamwishura ati: *"urakunda umukama Imana yawe n'umushaha wawe wose, n'umutima wawe wose, n'amagara yawe yose, n'ubwenge bwawe bwose; ukunde mugenzawe nk'uko wikunda wewe nyene"*.

Ibwirizwa ntirigira agahonzi. Imana yaduhaye ibwirizwa rimeze neza hose. Yesu yatubwiye ngo dukunde umukama Imana yacu n'umushaha wacu wose, n'umutima wacu wose, n'amagara yacu yose, n'ubwenge bwacu bwose; dukunde umugenzi wacu nk'uko twikunda twebwe nyene. Ni vyiza ko twokunda Imana n'umutima wacu wose n'amagara yacu yose, mugabo iryo ni ijambo ryeranda ridashobora kugumywa n'abantu.

"None usomamwo iki?" Ivyo bisigura ko ibwirizwa ari ryiza, mugabo umuntu ushobora kubitahura gute? Wa mwigisha w'amabwirizwa yibaza ko imana yari yayamuhaye kugira ayasonere. Mugabo ibwirizwa ry'Imana akamaro karyo ni ukugira tumenye utunenge twacu kandi tugaragaze ubushagabo bwacu. Ibwirizwa rirashira ahabona ibicumuro vyacu: "waracumuye. warishe mbere kandi nari narakubujije kwica. Kubera iki ungambararira?"

Ibwirizwa riragaragaza ivyaha biri mu mutima w'umuntu. Dufate ko ndiko ndagenda ku nzira nabonye mu murima ivyamwa bibenje. Imana irangabisha iti: "ntiwamure ivyo vyamwa ngo ubirye. Woba umaramaje ubigize". 'Ego muvyeyi'. 'Umurima ni uwa murundi, none nico gituma udategerezwa kuvyamura'. 'Ego, muvyeyi'.

Turumva ko atarivyo kwiba ivyo vyamwa n'umusi n'umwe, ariko muri twebwe hariho ikindi kintu kisunika ngo tuvyibe. Igicumuro c'umuntu ni gurtyo kimeze.

Imana itubwira kudakora icaha na rimwe. Imana irashobora kubivuga kuko yoyo ni nyeranda, kuko yuzuye inema, kuko irafise ubushobozi bwo kubikora. Ariko twebwe aho buhushaniye, nta 'na rimwe' kudacumura, 'nta na rimwe' dushobora gukora iciza. nta 'na rimwe' haba iciza mu mitima yacu.

Ibwirizwa rivuga riti ‘nta na rimwe’ (iryo jambo niko ryanditswe). Kubera iki? Kubera abantu bamana ivyipfuzo mu mutima. Dukora ivyo umutima ushaka. Turasambana kubera umutima uvyipfuza.

Dutegerezwa gusoma bibiliya twitonze. Ngitangura kwemera Yesu, nemera nisunze ijambo. Naramenye ko Yesu yapfiriye ku musaraba ndarira biranka ko nihanagura. Nari umuntu mubi ku buryo yampfiriye ku musaraba..; umutima wanje warababaye cane kubera na mwemera. Hanyuma ndibaza nti: “ko namaze kwemera, ntegerezwa kwemera nisunze ijambo”.

Ndiko ndasoma Ubuhungiro 20, nasanze handitse ngo: *“nta yindi mana uzokwigera uronka mu maso yanje”*. Narasenga nkirega nisunze ijambo. Nkarondera mu bwenge bwanje kugira ndabe ko noba mfise izindi mana mu maso yiwe. Ndabona ko nasenze ibigirwamana mu guterekera imizimu y’abasokuru. Nari nakoze icaha co gusenga ibigirwamana.

Hanyuma niho navuga igisabisho nkirega nti, “Mana, narasenze ibigirwamana. Ntegerezwa kubihanirwa. Ngirira ikigongwe kubera naracumuye uzoba ukoze. Sinzosubira na rimwe”. Aho rero igicumuro cari kivuyemwo.

Mu nyuma ndibaza ko noba nigeze nambaza izina ryiwe, biranta. Niho mu nyuma nibuka ko ngitangura kwemera Imana, naranywa itabi. Umugenzi wanje yambwiye ati, ‘ubwo ntutukisha Imana mu kunywa itabi?’ Bigenda gute ngo umukristu anywe itabi?

None uko si ukwambaza Imana ukutariko? Hanyuma ndasubira ndasenga kandi, “mukama, narambaje izina ryawe biranta ku mazi. Ngirira ikigongwe uzoba ukoze”. Hanyuma ndagerageza kudasubira kunywa itabi mugabo sinahagarika kudomeka nongera nzimya amasigareti umwaka wose. N’ukuri biragumye, mbere novuga ko bisa

n'ibidakunda guheba kunywa itabi. Mugabo impera naruhiye guheba itabi ubutagisubira inyuma. Naciye menya ikindi gicumuro kivuyemwo.

Igikwirikira kwari *"wibuke umusi w'isabato kugira uwuhimbaze"*. Ni ukuvuga kudakora ikindi kintu ku musi w'imana; kutadandaza canke gukorera amafaranga….. hanyuma n'ivyo nyene ndabiheba.

Mu nyuma haza "usonere so na nyoko". Narabasonera iyo ndi kure yabo mugabo baramena umutwe iyo ndi hafi yabo. "Mbega ubwiza bw'Imana! Naracumuye imbere yawe. Ngirira ikigongwe mukama". Naravuze igisabisho co kwirega.

Mugabo si nari ngishobora gusonera abavyeyi banje kuko bahavuye bapfa haheze imisi mikeya. Nari gukora iki? "Mukama, girira ikigongwe uwo mwinazi w'umunyavyaha. Warapfuye ku musaraba ku bwanje jewe". Ntiworaba ingene nashimye.

Gurtyo, ndiyumvira ko ntegerezwa kwemanga ibicumuro vyanje kimwe ku kindi. Hariho amabwirizwa nka ntiwice, ntusambane, ntiwipfuze…..nasanze ata na rimwe ntarenze. ndasenga ijoro ryose. Mbe murazi ko igisabisho c'ukwigaya kitaryoshe kuvuga. Tubivuge.

Ndiko ndiyumvira ibambwa rya Yesu ku musaraba, narashobora kwumva ko naje mbabaye mu kibanza ciwe. Kandi yapfuye ku bwacu kuko tudashobora kwisunga ijambo ryiwe. Nararize ijoro ryose niyumviriye urukundo ndamukunda ingene rungana, nongera ndamushimira kuko yampaye umunezero w'ukuri.

Mu mwaka wa mbere vyari vyoroshe kuja mu misa mugabi mu myaka ibiri ikwirikira, vyaciye bitangura kugorana kubera nategerzwa kwigumya n'inguvu nyinshi kugirango amosozi ntiyicunde nk'uko vyanshikira kenshi.

Iyo amasozi atariko arakoroka, kenshi naca ngenda gusenga mu musozi nkipfunga kurya imisi itatu. Hanyuma amasozi agasubira kundenga kandi. Nagaruka mu bantu amosozi yicunda, nkarira mw'isengero.

Abantu tubana bakambwira ngo: "usigaye usenga mu misozi wabaye umutagatifu". Mugabo amosozi agasubira akagenda ntakundi. Ku bwa bwagatatu ho vyaranka rwose kurusha.

Nategerezwa kwibaza ikibi nakoreye abagenzi n'abandi bakristo nkarira kandi. Inyuma y'iyo myaka ine, amosozi yarasubiriye gukama kandi. Amaso yanje ntiyari agishobora kurira naho ataco yari apfuye.

Inyuma y'imyaka itanu naho nagira gute sina shobora kurira naho nagira gute. izuru ni ryo ryonyene ni ryo ryahungabana. mu yindi myaka ibiri kandi, nari natanguye kwishisha jewe nyene hanyuma nca nsubira gusoma Bibiliya.

IBWIRIZWA RIDUHA KUMENYA IGICUMURO



Mu Baromani 3:20 handitse ngo *"ntakindi ibwirizwa ridufasha atari ukumenya igicumuro"*. Nibaza ngo ni umutumwa Paulo wenyene bibwirwa hanyuma mu nyigisho ngakuramwo ivyo nishakiye gusa. Mugabo amosozi yanje amaze gukama, sinari ngishobora kuguma mu nzira y'ukwemera mu buzima bwanje.

Nico gituma nagumye ncumura hanyuma nkamenya ko umutima wanje wari wuzuye ibicumuro kandi bitari gushoboka ko nguma mu

nzira y'ibwirizwa. Si nashobora kuvyihanganira. ariko kandi sinashobora kwiyobagiza ibwirizwa kuko rya shinzwe kugira turisonere. Mu mperuka, naruhiye kuba umwigisha w'ibwirizwa nka ba bandi bo mu njili. Vyari bisigaye bigoye cane kuguma mu nzira y'ukwemera.

Iyo nakwirikije amabwirizwa numva merewe neza. Mugabo iyo vyananiye kuyakwirikiza, numva merewe nabi, nshavuye, njonjogoye. Munyuma numva ata n'umwenkubona. iyo babinyigisha kuva kera bati "si uko, si uko. Ibwirizwa si gurtyo rivuga. Rikwereka ko uri umunyavyaha; ko ukunda amafaranga; ko ukunda abagore canke abagabo, n'ibindi bintu biryohera amaso. Urafise ikindi kintu ukunda kurusha imana. Ukunda gukwirikira ivyisi. Ibwirizwa nti warihawe ngo urigumye ahubwo warihawe kugira ushobore kumenya ko uri umunyavyaha afise ikibi mu mutima wiwe".

Iyo haba umuntu abinyigisha gurtyo si nari kurinda kubabara imyaka 10 yose. Kuko naramaze imyaka 10 nkwirikiza amabwirizwa mugabo ntarayamenya.

Ibwirizwa rya 4 rivuga riti: *"wibuke umusi w'isabato kugira uwuhimbaze"*. Ni ukuvuga ko kizira gukora ku musi w'isabato. ni ukuvuga ko utegerezwa kugenda n'amaguru naho woba ufashe urugendo rurerure aho kwurira ku gitwazi. Hanyuma ndumva ko kugira ndonke iteka ntegerezwa kugenda n'amaguru iyo nategerezwa kuja kuvuga ubutumwa. Nakare naja kwigisha ibwirizwa. Hanyuma nkibaza ko ntegerezwa gukora ivyo vyose nigisha abandi. Vyari bigoye kuburyo nari hafi yo gutana n'ikigazuzo.

Nka kurya vyanditse ngaha ngo, *"wewe usomamwo iki?",* si natahura ico kibazo hanyuma ndamererwa nabi imyaka 10 yose. urya mwigisha nawe nyene yari yatahuye nabi. Yibaza

ko yisunze ibwirizwa akigenza neza, azohezagirwa n'Imana.

Mugabo Yesu yamubajije ati *"wewe usomamwo ibiki?"* Ego wishuye neza. Urazi ivyanditswe. Genda ugerageze ugire gurtyo. Uzohoraho niyo wabigira gurtyo, uzopfa niyo utabigira. impera y'umunyavyaha ni ugupfa. 'uzopfa niyo utabigira gurtyo'. (igihushanye c'ukubaho si ugupfa none?)

Mugabo nya mwigisha n'ubundi ntiyatahuye. Uwo mwigisha ni twebwe, ni wewe ni jewe. Narize cane teolojiya imyaka 10. Narageregeje ibintu vyose, ndasoma ibintu vyose, ndakora ibintu vyose: kwisonzesha, kubona kure, kuvuga izindi ndimi….. narasomye bibiliya imyaka 10 nibaza ko nzoshika ku kintu. Mugabo mu mushaha nari impumyi.

Nico gituma umunyavyaha ategerzwa kuronka umuntu amubwira ko ari we 'mwami wacu Yesu'. Emwe! Nta na rimwe dushobora kwisunga ibwirizwa. Naho twokoresha inguvu zacu zose, ntakindi dushobora atri ugupfa turiko turagerageza. mugabo Yesu yaje kudukiza n'amazi na mutima! haleluya! Turashobora gucungurwa n'amazi na mutima. Ni inema yeza, ingabirano y'imana. None rero dushimire umukama.

Nari narahindutse cane kuburyo nashoboye kuva mu mwiheburo, mugabo hariho bamwe bamwe basesagura ngo bariko bariga teoloji ariko ntibashobore kumenya ukuri gushika ku musi w'ugupfa. Bamwe bamwe baremera mu kiringo c'imyaka mirongo n'iyindi, eka mbere imyaka igahera iyindi ikaza ariko batigeze bavuka ubugira kabiri.

Igihe tumaze kumenya ko tutazokwigera dushobora gusonera ibwirizwa na rimwe niho tuba dutanguye kuva mu nzira y'ivyaha kandi tumaze kuja imbere ya yesu tugatega amatwi inkuru nziza y'amazi na mutima. iyo duhuye na

Yesu, tuba turekuriwe imanza zose n'ibihano vyose. Turi abanyavyaha bambere mugabo tuba intungane kuko aradukiza n'amazi n'amaraso.

Yesu yatubwiye ko ata na rimwe dushobora kwigenza nk'uko abishaka. Yarabibwiye umwigisha mugabo ntiyabitahuye. Nico gituma Yesu yamuciriye umugani kugira ngo ashobore gutahura.



Yesu arasubira amwishura ati: *"habaye umuntu yariko aramanuka ava i yerusalemu aja i yeriko; araheza agwa mu bisuma, bihejeje ku mwambura, biramukubita, bisiga ari intere" (Luka 10:30)*. Yesu yariko amubwira ko yababaye ubuzima bwiwe bwose nk'uyo muntu ibisuma vyafashe bigakubita bigasiga ari intere.

Habaye umuntu yariko amanuka ava i yerusalemu. yeriko ni ukuvuga abantu bakera, Yerusalemu nayo ni igisagara c'ijambo ry'Imana, igisagara c'ukwemera, c'abantu bahayanwa mu kwisunga ibwirizwa. Atubwira ko niyo twemera kristo nk'uko twemera inyigisho zacu, tuzoba tuyogeye.

Yesu arasubira amwishura ati: *"habaye umuntu yariko aramanuka ava i Yerusalemu aja i Yeriko; araheza agwa mu bisuma, bihejeje ku mwambura, biramukubita, bisiga ari intere"* Yerusalemu cari igisagara kinini kibamwo abantu benshi. Hari umwami ahereza incungu, abasaserdoti, abelivita n'abandi bigishamana bakomeye. Hariho benshi bazi neza ibwirizwa. Hanyuma barageragеza kwisunga ibwirizwa mugabo bikama bibabananira, hanyuma batumbera i Yeriko. bagumana ingeso mbi mugihugu (Yeriko) hanyuma bahura n'ibisuma.

Uwo muntu yahuye n'ibisuma ari mu nzira iva i Yerusalemu ija i Yeriko hanyuma biramwambura. *"Kwamburwa"* ni ukuvuga ko yatakaje ubutungane bwiwe. Ntibidushobokera ubwacu kwisunga ibwirizwa. umutumwa Paulo yabwiye Abaromani ati: *"ndazi ko ata ciza kimbamwo, ni ukuvuga ko kiba mu kamere yanje y'umubiri; ugushaka iciza kurambera hafi ariko ukugikora ntibinshobokere namba; kuko ntakora iciza nshaka, ngakora ariho ikibi kuko ntashaka. ko nkora ico ntashaka, si jewe bivako ariko bigirwa n'igicumuro kimbamwo"*.

Nibaza ngo nkora iciza kandi ko nkwirikiza ijambo ryiwe. Mugabo ikiva mu muntu nico kimuhumanya. nkako imbere mu mutima w'umuntu, niho hava ivyiyumviro bibi, ubusambanyi, ubusuma, ukwicana, uguhemurika abagenzi, umunoho, indambi, uburyarya, ubushegabo, ishari, ukwararaza, ubwishime, uburogorogo. Ayo mabi yose ava imbere mu mutima niyo ahumanganya umuntu (Mariko 7:21-23).

Kuko biba muri twebwe kandi bisohokera hirya no hino, dukora ivyo tudashaka, ivyodushaka navyo bikatunanira gukora. tubandanya dukora ibibi mu mitima yacu. Ico Satani ikora ni ukudufasha gusa kugira dukore igicumuro.

IGICUMURO MU MUTIMA W'UMUNTU



Handitswe muri Mariko 7 ngo: *"nta kintu kiva*

imusozi cinjira mu muntu ngo kimurtyoze; ikiva mu muntu, ico nico kimurtyoza".

Atubwira ko imbere mu mutima w'umuntu, niho hava ivyiyumviro bibi, ubusambanyi, ubusuma, ukwicana, uguhemurika abagenzi, umunoho, indambi, uburyarya, ubushegabo, ishari, ukwararaza, ubwishime, uburogorogo. Ayo mabi yose ava imbere mu mutima w'umuntu.

Nta muntu n'umwe atica. Abavyeyi bakankamira abana babo bati: "oya, ntukore iki. nakubwiye ko kizira. eshe! navuze ko kizira kubikora". Hanyuma ati, ingo hano. Naravuze kandi ndabisubira ko kizira kubikora. Ngira ndakwice. Ubwo ni ubwicanyi. Murashobora kwica abana banyu ku rurimi rubi rwanyu.

Abana bacu barashobora kubaho kuko baca baduhunga ningona, mugabo tubatayeko ishavu ryose dufise, bazopfa. twobishe imbere y'Imana. Rimwe rimwe turikanga tuti: "Mana yanje! Ibi na gize ni ibiki?" Turumva ikigongwe iyo twakubise abana bacu tukicuza igituma twabigize tuti mbega ibi twabigize dukomeye. Ivyo tubigira kubera mu mitima yacu harimwo ubwicanyi.

"Nkora ico ntashaka gukora" rbivugaero ko dukora ikibi kuko turi babi. Bica vyorohera satani kutwosha gucumura.

Dufate ko umuntu atigeze acungurwa yoguma yicaye mu nzu imyaka 10 ahangnye n'igihome yiyumvira nka wa mu nya koreya rurangiranwa yihera Imana Sung-Chol. Ni vyiza kwicara ugahangana n'igihome, mugabo hari uwuzotegerezwa ku muzanira ibifungurwa agakura n'imicafu.

Muri ico gihe ategerzwa kubonana n'umuntu. Ntaco bitwaye mu gihe ari umugabo. mugabo dufate ko ari umugore mwiza. Bimushikiye akamuraba atabishaka, ivyo yakoze vyose bizoba bipfuye ubusa. yiyumvira ati, "kirazira ko nsambana; ndavyipfuza mu mutima wanje,

mugabo ntegerezwa kuvyikuramwo. ntegerzwa kubijegeza. Oya! Va mu mutima wanje".

Mugabo ivyo yiyemeje bica bitumuka igihe amuravye. mu nyuma, wa mugore aragenda, nawe aza kumuraba mu mutima. Imyaka 5 yose yamaze anigana ipfuye ubusa.

Biroroshe kuri satani gutuza umuntu ubutungane. Ikintu conyene Satani ikora ni ugukubita uwagomba kurira. Iyo umuntu anigana atacunguwe, abandanya agwa mu gicumuro. Aratanga imperezwa n'ukwemera uko imisi y'imana yaremwe, akisonzesha imisi 40, aramara imisi 100 avuga ibisabisho vyo mu gitondo…mugabo Satani ikamwosha ikoresheje ibintu biryohera amaso kw'isi.

'Nzoguha ikibanza gikomeye mu bandi, mugabo uri umukristu kandi ntuzokwigere ukora ku musi w'Imana, si ko?' Ni ikibanza gikomeye, kumbure urashobora gukora imisi y'Imana 3 ukaja mu misa rimwe mu kwezi ryonyene. Aho rero uzoryoherwa cane kandi uronke n'amafaranga menshi. Wibaza iki? Birashoboka ko abantu ijana kw'ijana bazogurwa muri ubwo buryo.

Bitagenze gurtyo, hariho abadashobora kwihangana imbere y'abagore. Satani ibazanira umugore mu maso, ubwo nyene baca bibagira imana bakipfuza wa mugore. Uko niko umuntu yamburwa ubutungane bwiwe.

Tugerageje kubaho uko ibwirizwa ribishaka, ntakindi turonka imperuka atri inguma z'igicumuro, ububabare n'ubukene; turata ubutungane bwacu bwose. *"yariko aramanuka ava i Yerusalemu aja i Yeriko, agwa mu minwe y'ibisuma, biramwambura, biramukubita bimusiga ari intere"*.

Ni ukuvuga ko naho twoshobora kuguma i Yerusalemu tukabaho uko Imana Mpwemu Yera ibishaka, hazogera igihe tuzotsitara kubera inguvu nke zacu kandi tuzoyogera.

Inyuma yaho, tuzovuga igisabisho twirege imbere y'Imana tuti: "mukama, naracumuye. Ngirira ikigongwe uzoba ukoze; sizokwigera ndabisubira. Ndakwemereye ko ari irya nyuma. Ndagusavye kandi ndagupfukamiye ungirire ikigongwe ni irya nyuma".

Mugabo nti vyigera bihera. Nta muntu ashobora kubaho atagira igicumuro kw'isi. Azoshobora kucirinda rimwe canke kabiri, mugabo ntibizokunda kudasubira gucumura. hanyuma aca asubira gucumura kandi. 'Mukama, ngirira ikigongwe'. bibandanije, azokwigizwa kure y'ingoro y'Imana. Azokwizwa kure y'Imana kubera ibicumuro vyiwe ahereze mu muriro udahera.

Kuja i Yeriko ni ukuvuga kugwa mu bihe vya hise; kuja hagufi y'ivy'isi na kure ya Yerusalemu. Mu ntango, Yerusalemu yari ikiri hafi. Mugabo kubera urufatangane rw'ibicumuro n'ikigongwe bigenda bikwirikirana.



Urya muntu yahuye na nde kunrira ija I Yeriko? Yahuye n'abasuma. Uwutari bwatangure kubaho mw'ibwirizwa yaciye aba umusega w'imbwa. Akanywa, agaca asinzirira aho ariho hose, agasoba aho ariho hose. Iyo mbwa ica isubira kwikangura ku munsi ukwirikira igasubira kunywa kandi. Imbwa y'umusega izorya aho amashanzi yayo. Ico nico gituma bayita imbwa. Irazi ko itategerezwa kunywa. Irihana bukeye ariko ica isubira kunywa.

Nico kimwe n'urya muntu yahuye n'abasuma ariko aja I Yeriko. Ari hafi inyuma y'umupfu ari hafi gucikana. Mu mutima wiwe hari igicumuro gusa. Uko niko abantu bameze.

Abantu baremera muri Yesu kandi babaho

mw'Ibwirizwa i Yerusalemu mugabo bari inyuma kandi ntakindi bafise mu mitima Atari igicumuro. Bose berekana ko ubuzima bwabo mw'idini ari ibisebe vy'igicumuro. Abo bafise igicumuro mu mitima yabo baraguye mu muriro udahera. Barabizi mugabo ntibamenya ico bokora. Wewe canke jewe ntitwagiyeyo twoho? Ego. Twese twari co kimwe.

Umwigisha atategereye ico arico ibwirizwa ry'Imana azokwama anigana ubuzima bwiwe bwose mugabo azoja mu muriro udahera, afise ibisebe. Ni we twebwe, wewe na jewe.

Yesu wenyene niwe ashobora kudukiza. Hariho abantu benshi muri twebwe b'incabwenge kandi bama berekana ubuzima bwabo bwose ubumenyi bwabo. Barirarira bose ngo babayeyo mw'ibwirizwa ry'Imana. Ntibashobora kureka kwihenda bo nyene. Ntibashobora kwita akayabu akayabu, mugabo imisi yose bama bakwirikira nk'inbohe ubwije biyerekana inyuma ko ari abemera.

Muri bo harimwo abacumuzi bari kunzira baja I Yeriko, bamwe bariko barakubitwa n'ibisuma, abandi baja baramaze gupfa. Dutegerezwa kumenya ingene turi nk'amagi imbere y'Imana.

Twotegrejwe kwemera imbere Yiwe, "Mukama, nzoja mu muriro udahera Wewe utankijije. Ndagusavye unkize. Nzoja iyo ushaka hose naho imvura yoba iriko iragwa canke hoba hari igihuhusi hamwe wonyemerera kwumva neza inkuru nziza nyakuri. Niyo wampeba, nzoja mu muriro udahera. Ndakuzamvye unkize".

Abo bishiramwo umuriro udahera, abo bibohera ku Mukama kandi bakora uko bashoboye bivuye ku mutima, abo nibo bashobora gukizwa. Nta na rimwe dushobora gukizwa kubera tuvyishakiye.

Dutegerezwa kumenya ko turi nka wa muntu yagwa mu minwe y'ibisuma. ✉

INYIGISHO YA 4

Urukiza ruzokwamaho

Urukiza ruzokwamaho

< Yohana 8:1-12 >

"Handitswe ngo: Yesu nawe aja ku musozi wa Oliveti. Mu gatondo kare, aho yagarutse mu gisengero, ishengero ryose riramwegera nawe aricara arabigisha. Abanditsi n'Abafarizayo rero bamuzanira umugore yafashwe asambana; bamaze ku muhagarika hagati mw'isengero babwira Yesu bati: 'Mwigisha, uyu mugore yafashwe asambana. Mw'Ibwirizwa naho Musa yadutegereje kwicisha amabuye mwene abo bagore. Ku bwawe bite?'. Ivyo babivuga ngo bamugeze, babone ingne bomurega. Yesu nawe arunama yandikisha urutoke hasi. Bashishikaye ku mubaza, arunamuka, ababwira ati: 'Muri mwebwe uwudafise igicumuro, n'amubanze ibuye'. Araheza yongera kwunama yandika hasi. Nabo ngo bavyumve, bariyonjorora umwe umwe, bahera ku basasaza, gutinda asigare ari umwe na wa mugore yari hagati. Yesu rero arunamuka amubwira ati: 'Wa mugore, abakurega bari he? Ntawa kuremetse intahe?' Nawe ati, 'Ntawe, Mukama'. Yesu nawe ati: 'Na Jewe si ndayikuremeka, genda ntuzobe ugicumura'. Yesu asubira kubabarira ati: 'Jewe ndi umuco w'isi, unkurikira ntazogendera mu muzimagiza, azoronka riho umuco w'ubuzima'".



Yesu yaraduhaye urukiza ruzokwamaho. Nta muntu n'umwe adashobora gucungurwa yemera Yesu ko ari Umukiza. Yaraducunguye twese.

Hariho abantu bicwa nabi kubera ivyaha vyabo, ni ukubera badatahuye neza sezu yabakijije ivyaha vyabo vyose mw'Ibatisimu yiwe.

Dutegerezwa twese kumenya ibanga ryihishije mu rukiza kandi tuvyemere. Yesu yaratwaye ibicumuro vyacu vyose mw'Ibatisimu yiwe, acibwa urubanza kubera ivyaha twakoze, apfira ku Musaraba ku bwacu.

Mutegerzwa kwemera urukiza rw'amazi na Mutima, urukiza rudahera rw'ibicumuro vyose. Mutegerezwa kwemera Urukundo rwiwe Ntangere rwabagize abantu b'intungane. Mwemere ivyo yabagiriye ngo abakize mu ruzi rwa Yorodani no ku Musaraba. Yesu kandi arazi ivyaha vyose vyinyegeje muri twebwe. Hariho abantu bazi ukutariko igicumuro. Bibaza ko ibicumuro bimwe bimwe bidashobora gucungurwa. Yezu yacunguye ibicumuro vyose, igicumuro cose kandi c'umuntu wese.

Nta gicumuro na kimwe Yesu yasize. Kuko yacunguye ibicumuro vyo kw'isi vyose, nta munyavyaha n'umwe akiriho. Murazi Inkuru nziza ibakiza ibicumuro vyose, no ku bicumuro biri imbere yanyu? Ni mumwemere kugirango mukizwe! Kandi mugaruke mu buninahazwa bw'Imana.

UMUGORE YAFASHWE ASAMBANA



Mu gisomwa ca Yohana 8, umugore yafashwe asambana. Umuntu arashobora kubona ingene yakijijwe na Yesu. Dushaka kugabana ku nema yeza yaronse. Nta woba ashikuje avuze ko

abantu bose basambana mu buzima bwabo.

Imishaha yose irasambana. Ni vyaba atariko bishusha, ni ukubera bigirwa kenshi hanyuma umuntu akibaza ngo ntavyo agira. Kubera iki? Tubayeho mu busambanyi butagira uko buvugwa.

Ndaraba urya mugore nk'ibaza nimba hari umuntu muri twebwe atara sambana. Nta n'umwe ahubwo atara sambana nk'uriya mugore yafashwe ariko arasambana. Twese ata n'umwe avuyemwo. N'uko twibaza gusa ukundi.

Mwibaza ngo ndiko ndihenda? Oya, ntabwo nihenda. Ni murabe mwitonze. Umuntu wese ari kw'isi yarabikoze. Arasambana mu kuraba abagore mw'ibarabara, mu vyiyumviro no mu ngiro, umwanya wose n'aho ariho hose. Ahubwo n'uko batamenya ico bariko barakora. Hariho abantu benshi batigera bamenya gushika ku musi w'ugpfa ko basambanye incuro nyinshi mu buzima bwabo. Ntituvuga gusa abafashwe tuvuga n'abatigeze bafatwa. Abantu bose barasambana mu vyiyumviro. None si akabanga dufise mu buzima bwacu.

Muraguye mu gahundwe none? Ivyo ni ivy'ukuri. N'uko gusa duhora kuko tubura ingene tubifata. Ndibaza ko abantu bose muri iki gihe bakora ubusambanyi nti babamenye ko bariko barabukora.

Abantu barasambana kandi mu mutima. Twebwe abantu baremwe n'Imana, tubaye kw'isi tutazi ko dusambana mu mishaha. Gusenga izindi mana, ni ubusambanyi bw'umutima kuko Umukama niwe mugabo wenyene w'abantu bose.

Urya mugore yafashwe yari umuntu nka twebwe, kandi yararonse inema y'Imana nka kurya na twebwe twayironse igihe twacungurwa. Mugabo abiyorobetsi b'Abafarizayo bamushize hagati yabo bamutungira urutoke nk'uko boba ari bo bacamanza,hanyuma bamutera amabuye. Baramutwenga nk'uko bonyene boba batagira akanenge, nk'uko womengo bo nta busambanyi

bigeze bakora.

Bakristo bagenzi, abiyizi ko ari intekera y'ibicumuro nti bacira abandi urubanza imbere y'Imana. Ahubwo, bamenya ko ari abasambanyi ubuzima bwabo bwose, baronka inema yeza y'Imana ibakiza bose. Abo bonye bazi ko ari abacumuzi basambana ubuzima bwabo bwose ni bo bashobora kwitorerwa n'Imana kugira ngo ibakize.

NI NDE ARONKA INEMA YEZA?



Boba ari barya babaho ata gatotsi kandi badasambana, canke ni birya bicibwa? Birya bicibwa nivyo bironka inema yuzuye urukiza. Barya ataco bashoboye kwifasha, abatagira inguvu kandi batagira ikibakingira nibo baronka urukiza. Ni barya batagira inema y'Imana.

Abibaza ko batagira igicumuro nti bazoshobora gukizwa. Boronka inema y'urukiza rwayo gute kandi ata gicumuro bafise?

Abakarani n'Abafarizayo bazanye umugore yafashwe asambana imbere ya Yesu bamushira hagati yabo hanyuma baramubaza bati: *"Databuja, uyu mugore yafashwe ariko arasambana. Wewe none gute?"* Kubera iki bazaniye uwo mugore Yesu ngo bamugeze?

Barakoze ubusambanyi nabo nyene kenshi kenshi, mugabo barageraje ku mucira urubanzano kumwica barondera gukoresha Yesu kugira abe ari we icaha kigwako.

Yesu yari azi ico bafise banyegeje ku mutima kandi yari vyose kuri uyo mugore. Niho yabishura ati: *"uwutaracumura n'amubanze ibuye"*. Hanyuma Abakarani n'Abafarizayo baca

batangura kwiyonjorora umwe umwe kuva ku muto gushika ku mutama, Yesu asigara wenyene na wa mugore yari hagati yabo.

Abiyonjoroye bari Abakarani n'Abafarizayo, abigisha bakuru bakuru. Bagira bacire urubanza umugore yafashwe asambana nk'uko bobo boba Atari abacumuzi.

Yesu yaragabiye abantu urukundo rwiwe. Yari umushitsi w'urukundo. Yesu yarafungurira abantu, akazura abapfuye, arasubiza ubuzima umuhungu w'umupfakazi, arazura Lazaro, aravura abarwaye ibinyoro, aragirira ibitangaro abakene. Arafata ibicumuro vy'abacumuzi bose abaha urukiza.

Yesu aradukunda. Ni Mushobora vyose, mugabo Abakarani n'Abafarizayo bibaza ko ari umwansi wabo. Nico gituma bamuzaniye urya mugore kugirango bamugeze.

Baramubaza bati: *"Databuja, ibwirizwa Musa yaduhaye ridutegeka kwicisha amabuye mwene abo bagore. Wewe none ni gute?"*. Bibaza ngo aca ababwira ngo bamutere amabuye, kubera iki? Uciye urubanza ukwirikije ivyanditswe mw'Ibwirizwa ry'Imana, abantu bose basambanye botegerezwa kwicishwa amabuye.

Bose bategerezwa kwicishwa amabuye kandi bateguriwe umuriro udahera. Impembo yigicumuro ni urupfu. Mugabo Yesu nti yababwiye ngo bamutere amabuye yababwiye ahubwo ati: *"Uwutaracumura muri mwebwe n'amubanze ibuye!"*



Ibwirizwa rizana ishavu. Imana ni ntagatifu, Ibwirizwa ryiwe na ryo nyene ni ritagatifu. Iryo Bwirizwa ritagatifu ryadushikirijwe ririmwo

ingingo 613. Icatumye Imana iduha Ibwirizwa rigizwe n'ingigno 613 ni ukugira tumenye ko tuti abacumuzi, ko tutari beranda. Atubwira ko dutegerzwa kuraba inema yeza y'Imana kugirango dushobore gukizwa. Tutazi ivyo bintu tukishinga gusa ivyanditswe (kurya Ibwirizwa ryanditswe), nta nkeka dutegrezwa kwicishwa amabuye nka kurya kw'urya mugore yafashwe ariko arasambana.

Abakarani n'Abafarizayo batazi ukuru kw'Ibwirizwa bari guhava bicisha amabuye uyo mugore nk'uko natwe kumbure twari kubigira. Ninde arekuriwe gutera amabuye umugore atagira ikumutabara? Naho yoba yafashwe ariko arakora ikosa, nta n'umwe kw'isi arekuriwe kumutera amabuye?

Nimba uyo mugore n'umwe wese muri twebwe ategerezwa gucibwa urubanza hakwirikijwe Ibwirizwa ryo nyene, na twebwe nyene nico kimwe n'uyo mugore, dutegerezwa gucibwa urubanza rumwe. Mugabo Yesu yaradukijije igicumuro n'igihano tuberanye twebwe abacumuzi. Mbega uwo kwirikiza Ibwirizwa kurya nyene ryanditswe, ninde yosigara umuntu aravye ibicumuro vyacu ingene bingana? Umwe wese muri twebwe yoja mu muriro udahera.

Mugabo abakarani n'Abafarizayo bari bazi gusa Ibwirizwa kurya ryanditse vyo nyene. Iyaba ibwirizwa ryokwirikijwe neza kurya ryanditse, bose bokwishwe umwe umwe biciriye urubanza bo nyene. Mu vy'ukuri, Ibwirizwa ry'Imana ryahawe abantu kugirango bamenye ivyaha vyabo, mugabo barababaye kuko baryumvise nabi hanyuma bakarikwirikiza ukutariko.

Abafarizayo bo muri ino misi, co kimwe n'abo muri Bibiliya, nta kindi bazi mw'Ibwirizwa atari kurya ryanditswe. Bategerzwa kumenya Inema yeza, ingingo n'ukuri kw'Imana. Bategerzwa kumenya Inkuru nziza y'urukiza kugira

bashobore gukizwa.

Abafarizayo bavuze bati, *"Ibwirizwa ridutegeka kwicisha amabuye umuntu nk'uyo. None weho bite?"* Babaza bapfumbase amabuye ataco binona. Bibaza badakekeranya ko Yesu ataco aza kuronka abivugako. Bari barindiriye ko Yesu agwa mu mutego.

Iyo Yesu aca urubanza uko Ibwirizwa ribitegeka, nawe nyene bari kumwicisha amabuye. Ico barondera kwari ukubicisha amabuye bose uko ari babiri. Iyo Yesu avuga ko atakwicisha amabauye urya mugore, bari kuvuga ko yartogeje Ibwirizwa ry'Imana, bari kumwicisha amabuye kubera yatutse Imana kurogota. Murumva ayo matigu bari bamugiriye!

Mugabo Yesu arunama yandika hasi n'urutoke nabo babandanya kumubaza, "ubivuze ko iki? Uriko wandika iki hasi? Ishure ikibazo! Ubivuze ko iki?" Bamutuma urutoke babandanya bamusomagiza ibibazo.

Yesu ava hasi ati uwutaracumura n'amubanze ibiye. Hanyuma asubira kwunama yibandaniriza kwandika hasi. Abavyumvise, umutima wabo waciye wiyotsa, baca batangura kwiyonjorora kamwe kamwe, kuva ku musaza gushika ku wanyuma. Yesu asigara wenyene na wa mugore yari hagati yabo.

UWUTARACUMURA N'AMUBANZE IBUYE



Yesu yababwiye ati, *"Uwutaracumura n'amubanze ibuye",* aca abandanya kwiyandikira hasi. Hanyuma abasaza bamwe bamwe batangura

kwiyonjorora. Abasaza bakoze ibicumuro vyinshi nibo bagiye imbere. Abakiri bato nabo nyene barakwirikiye. Dufate ko Yesu ari muri twebwe kandi ko dukikije urya mugore. Hamwe Yesu yovuga ati uwutaracumura muri mwebwe n'amubanze ibuye, mwokwifata gute?

Yesu yari yanditse iki hasi? Imana yaturemye, yandika ibicumuro ahantu habiri hadasa.

Ubwambere yandika ibicumuro mu mitima yacu. *"Igicumuro ca Yuda canditswe n'i….ry'Icuma, n'isonga ry'inoro; canditswe mu mitima yanyu no ku mahembe yo ku mpimbi zanyu" (Yeremiya 17:1).*

Imana ituyagira iciye kuri Yuda we cariho cacu. Ibicumuro vy'abantu vyandikisijwe ikaramu y'icuma n'isonga rya diamant. Bishinguye mu mitima yacu. Yesu yunamye hasi yandika ko abantu ari abacumuzi.

Imana irazi ko ducumura kandi Yandika ibicumuro vyacu mu mitima yacu. Ubwa mbere yandika ivyo dukora, ibicumuro dukora kuko tudashobora kwihangana imbere y'Ibwirizwa. Kubera ibicumuro vyacu vyanditswe mu mitima yacu, tumenyako turi abacumuzi iyo duhindukiye kuraba Ibwirizwa. Kubera Ivyandika mu mitima yacu, kubera Ivyandika mu bwenge bwacu, turamenya ko turi abanyavyaha imbere Yiwe.

Hanyuma Yesu arasubira arunama ubugira kabiri abandanya kwandika hasi. Bibiliya ivuga ko ibicumuro vyacu vyose navyo nyene vyanditse mu Gitabu c'Imana c'Ivyaranguwe (Impera 20:12). Ibicumuro n'amazina y'ababikoze vyanditse muri ico gitabu. Kandi biranditse mu mitima y'abantu. Ibicumuro vyacu vyanditse kabiri mu gitabu c'ivyaranguwe no mu mitima yacu.

Ibicumuro vyanditse mu mutima w'umuntu, umuto n'umukuru. Nico gituma ataco bari bafise bavuga ku bicumuro vyabo imbere ya Yesu. Abagomba gutera amabuye wa mugore ntaco

bari bafise basubizayo imbere y'Amajambo yiwe.



Mugabo igihe muronse urukiza, ibicumuro vyanu vyose biri mu Gitabu c'Ivyaranguwe birafudika amazina yanyu nayo aca yandikwa mu gitabu c'ubuzima. Abafise amazina yabo mu gitabu c'ubuzima bazoja mw'iparadizo. Ivyiza bakoze, ivyo bakoreye ubwami bw'Imana kw'isi hamwe n'ubutungane bwabo, biranditswe mu gitabu c'ubuzima. Kandi biremewe mw'iparadizo. Abacunguwe ibicumuro vyabo binjira mw'isi izokwamaho.

Ibicumuro vy'abantu bose vyanditswe ahantu habiri. Ni ukuvuga ko ata muntu n'umwe ashobora guhenda Imana. Nta muntu n'umwe atakoze ubusambanyi mu mutima. Twese turi abanyavyaha kandi ntitwikwije.

Abatemeye urukiza rwa Yesu mu mutima wabo ntibashobora kwihangana kw'iyica nabi kubera ibicumuro vyabo. Mugabo mu gihe bemeye Inkuru nziza y'urukiza y'amazi na Mpwemu, ibicumuro vyanditswe mu mitima yabo no mu Gitabu c'Ivyaranguwe birartyorogwa n'isuku. Barakizwa ibicumuro vyabo vyose.

Hariho Igitabu c'ubuzima mw'iparadizo. Amazina y'abemera urukiza rw'amazi na Mutima aranditswe muri ico Gitabu, kandi bazoja mw'iparadizo. Ntibaja mw'iparadizo kubera batasambanye kw'isi, mugabo kubera bakijijwe ibicumuro vyabo vyose mu kwemera urukiza rw'amazi na Mutima *"Ni Ibwirizwa ry'ukwemera" (Abaroma 3:27).*

Bakristo bagenzi banje, Abakarani n'Abafarizayo ni abacumuzi nk'urya mugore yafashwe ariko arasambana.w

Mu vy'ukuri, bakoze ibicumuro birengeye naho bihenda bo nyene mu kwibaza ngo si abacumuzi. Abakuru b'ishengero bari abasuma barekuriwe n'amategeko. Bari abasuma b'imishaha, biba ubuzima. Barubahuka bakigisha abandi n'iteka ry'inshi, mugabo ntibari baranacunguwe bo nyene.

Mw'Ibwiriza nta muntu n'umwe ariho atagira igicumuro. Mugabo abantu ntibahinduka intungane kubera batacumuye, ahubwo bahinduka kubera bacunguwe ibicumuro vyabo vyose, amazina yabo yanditswe mu Gitabu c'Ubuzima. Igikuru n'ukumenya ko boba banditswe canke batanditswe mu Gitabu c'Ubuzima. Kuko umuntu ntashobora kubaho atagira igicumuro, ategerzwa gukizwa. Kuja mw'iparadizo, vyose bizova ingene muvyemera canke mutavyemera. Kuronka inema y'Imana, vyose bizova ingene mwemera urukiza rwa Yesu. Ivyashikiye umugore yafashwe asambana ni ibiki? Yagumye ngaho arahumiriza kuko yari azi ko ategerzwa gupfa. Kumbure ko yarizwa n'ubwoba n'ukwihana. Abantu iyo bashitse imbere y'urupfu niho bahinduka abanyakuri.

"Yo! Mana, birabereye ko mpfa. Ndabigusavye, akira umushaha wanje mu minwe Yawe. Kandi ungirire imbabazi. Yesu". Yariko asaba imbabazi Yesu, kubera umutima w'urukundo Afise. "Mana, niyo wampana, nzohanwa, naho niyo wavuga ko ata gicumuro mfise, ico gihe ibicumuro vyanje bizoba bihanaguwe. Biva kuri Wewe". Aregerezwa kuba yaravuze ivyo vyose. Vyose biva kuri Yesu.

Umugore yafashwe akajanwa kwa Yezu ntiyavuga ngo, "Naragize nabi, ndagusavye, ngirira ikigongwe kuko nasambanye". Yavuga ngo, "Ndabigusavye, nkiza ibicumuro vyanje.

Niyo wacungura ibicumuro vyanje, nca nkira. Ahandi ho noja mu muriro udahera. Ndakeneye urukundi rw'Imana kandi nshaka ko angirira ikigongwe". Yarahumirije amaso aremera ibicumuro vyiwe.

Yesu nawe aramubaza ati: *"Ivyagiriji vyawe biri hehe? Nta n'umwe yakuremetse intahe?"* Nawe ati, "Nta n'umwe Mukama".

Yesu aramusubiza ati, *"Na jewe ntayo ndakuremeka"*. Yesu nta gihano yamuciriye kuko yari yaramaze gutwara ibicumuro vyiwe mu kubatirizwa mu ruzi rwa Yorodani, kandi yari yaramaze gukizwa. Ico gihe, ni Yesu, si uyo mugore yategerezwa kuremekwa intahe kubera bicumuro vyiwe.

ATI,
"NA JE NTAYO NDAKUREMEKA"



Uyo mugore yarahezagiwe n'urukiza rwa Yesu. Yarakijijwe ibicumuro vyiwe vyose. Umukama wacu Yesu atubwira ko yaducunguye ibicumuro vyacu vyose, nico gituma twese turi intungane.

Ivyo abitubwira muri Bibiliya. Yapfiriye ku Musaraba kugira adukize ibicumuro, yatwakiriye mu kubatizwa mu ruzi Yorodani. Atubwira atahingitanya ko yakijije abo bose bemera urukiza rw'Ibatisimu Yiwe n'urubanza rw'Umusaraba.

Twese turakenye amajambo yanditswe na Kristo no kuyazigama. Muri ico gihe, tuzohezagirwa n'urukiza rwiwe.

“Mana, si mbereye kuza imbere yawe. Ntabutore mfise. Ntaco mfise ndakwereka atari ibicumuro. Mugabo ndemera ko Yesu ari we Mukama Mucunguzi wanje. Yaratwaye ibicumuro vya bose vyose mu ruzi Yorodani aravyishura ku Musaraba. Yaratwaye ibicumuro vyanje vyose mw’Ibatisimu Yiwe no mu maraso Yiwe. Nemera Wewe, Mukama”.

Uko niko mushobora gukizwa. Yesu ntaducira igihano. Aduha uburenganzira bwo kuba abana b’Imana: ku bemera bose Inkuru nziza y’amazi na Mutima, Yaratwaye ibicumuro vyabo vyose kandi abita intungane.

Bagenzi! Umugore yaracunguwe. Umugore yafashwe asambana yarahezagiwe n’urukiza imbere ya Yesu. Na twebwe twese turashobora guhezagirwa. Uwo ari we wese azi ibicumuro vyiwe kandi agasaba Imana ngo imugirire ikigongwe, uwo ari we wese yemera urukiza rw’amazi na Mutima vya Yesu, aronka urukiza rw’Imana. Abantu bacumura mugabo ntibamenye ibicumuro vyabo ntibazokwigera baronka umuhezagiro w’urukiza.

Yesu yarakuye abantu ibicumuro (Yohana1:29). Umunyavyaha uwo ari we wese arashobora gucungurwa iyo yemera Yesu. Yesu yabwiye wa mugore ati, *“Na jewe ntayo ndakuremetse”*. Yavuze ati nta ntahe ndakuremetse kubera ibicumuro vyiwe yari yaramaze kubimukura avyishirako, niwe rero yategerezwa kugerekwako intahe mu kibanza cacu.

DUTEGEREZWA KANDI GUCUNGURWA IMBERE YA YESU



Abafarizayo, n'amabuye mu minwe, co kimwe n'abategetsi b'amashengero bo muri iki gihe, bakwirikiza Ibwirizwa kurya ryanditse. Bakibaza ngo kurya Ibwirizwa ryihaniza ubusambanyi, uwucumuye ategerezwa kwicishwa amabuye. Baritegerza wa mugore bakirarira ngo bobo ntibasambana. Ntibashora gucungurwa canke gukizwa. Abafarizayo n'Abakarani bari abahanuzi bo kuri iyi si. Nti bari abo Yesu yahamagaye. Abo bantu ntibumva ingene Yesu ashobora kuvuga aya majambo ngo, 'Na Jewe ntayo ndakugeretse ko'.

Wa mugore yafatwa ariko asambana wenyene ni we yumvise ayo majambo anezereye. Niyo mwavugisha ukuri na mwebwe imbere yiwe, na mwe muzohezagirwa nk'urya mugore. "Mana, ndasambana ubuzima bwanje bwose. Ndasambana kenshi cane ku buryo ncumura kenshi cane ku musi".

Iyo twemeye itegeko n'ukuri ko turi abanyavyaha bategerezwa gupfa kandi igihe duhanze amaso Imana tutiyorobeka tukavuga tuti: "Mana, uku niko meze. Nkiza uzoba ukoze", ico gihe, Imana iraguhezagira ikaguha urukiza.

Urukundo rwa Yesu, rw'amazi na Mpwemu, rwaratsinze igihano c'Imana. *"Na je ntayo ndakugerekako"*. Ntiya tugeretseko intahe yatubwiye ati, 'Urakijijwe'. Umukama wacu Yesu ni we Mana y'imbabazi.Yaratugobotoye mu vyara vy'ibicumuro vyo kw'isi.

Imana yacu ni Imana y'ubutungane, Imana y'urukundo. Urukundo rw'amazi na Mutima na rwo ni rukuru kurusha Igihano ciwe.

URUKUNDO RWIWE RURUTA INTAHE YIWE



Iyo Imana ishira imbere intahe Yiwe kugira yubahirize ingingi y'ubutungane Bwiwe, yari gucira urubanza abacumuzi bose ka,di yari kubarungika bose mu muriro udahera. Mugabo kubera urukundo rwa Yesu rwadukijije urubanza arirwo rukuru, Imana yaturungikiye Umwana Wayo w'ikinege, Yesu. Yesu yadukijije ibicumuro vyacu vyose, aracirwa urubanza ku bwacu. Ubu rero abemera bose Yesu ko ari we Mukiza wabo bacika abana biwe kandi bakaba abantu b'intungane. Kuko kubera urukundo Rwiwe ari rwo rukuru ku ntahe Yiwe, araducungura twese.

Dutegerezwa gushimira Imana kubera itaducira urubanza gusa ikwirikije intahe gusa. Nk'uko Yesu yabwiye Abakarani, Abafarizayo, n'Abigishwa biwe ati, Imana ntishaka ayo mashikanwa, ahubwo ishaka ko mugirira umutima w'impuhwe kandi ko muyimenya. Hariho abantu babaga inka canke impene imisi yose bagashikanira Imana basaba ngo, "Mana, ngirira ikigongwe imisi yose ku bicumuro vyanje". Imana ntishaka amashikanwa yacu, ishaka ko twemera urukiza rw'amazi na Mutima. Ishaka ko tubohozwa tugakizwa. Ishaka kuduha urukundo Rwayo kandi Ishaka kwemera

ukwemera kwacu. None ivyo vyose murabibona? Yesu yaduhaye urukiza.

Yesu ntabonanwa n'ibicumuro mugabo afitiye ikinyota c'urukundo abantu, Imana yaremye ibishushanije ko. Yafashe ingingo isi itararemwa kutugira abana b'Imana, hanyuma arahanagura ibicumuro vyacu vyose mw'Ibatisimu Yiwe no mu maraso Yiwe, Imana yaturemye ngo iducungure, ituvukanishe na Yesu kandi itugire abana bayo. Ni ukubera urukundo adufitiye, ibiremwa vyiwe.

Iyo Imana iba yaducira urubanza rukwiranye n'Ibwirizwa gusa, twebwe abacumuzi, twotegrezwa gupfa. Mugabo yaradukijije mw'Ibatisimu n'ibambwa ry'Umuhungu Wiwe ku Musaraba. Muravyemera? Reka tubirabe mu Bwuzure bwa Kera.

ARONI YUBIKA IBIGANZA KW'ISUGURU



Ibicumuro vyose vy'abantu vyaruhagiwe n'ihagarikwa ry'Ubwuzure Bwa Kera n'Ibatisimu y'Ubwuzure Bushasha. Mu Bwuzure Bwa Kera, ku mwaka, Umwami w'Inkuka yikuriza ibicumuro vyose vya Israyeli ku mutwe w'impfizi y'impene itagira agahonzi mu kuyubika ko iminwe yiwe.

"Hanyuma Aroni niho azoshobora kwubika ibiganza vyiwe vyose ku mutwe w'isuguru ibona y'impene, asabire immababazi amakosa yose

y'abana b'Israyeli, n'ayandi makosha yose bakora, ajanye n'ibicumuro vyabo vyose, abishire vyose ku gahanga k'imfizi y'impene, hanyuma ayiterere mu gahinga k'ubugaragwa n'iminwe y'umuntu abikwiye" (Abalevita 16:21).

Uko niko ibicumuro vyogejwe mu misi y'Ubwuzure Bwa Kera. Kugira umuntu yozwe ibicumuro ku musi ku musi, wazana mu rusago rw'ihema impfizi y'impene canke umwagazi w'intama bitagira agatosi, ukayishira ku ruhimbi ukayishikanira Imana. Bubika iminwe ku mutwe w'iyo mperezwa, ibicimuro bigaca bisigara kuri iyo ncungu. Munyuma, baca bica ico gitungwa c'incungu, amaraso yaco umupatiri akayashira mu mahembe y'uruhimbi.

Hari amahembe ane mu mfuruka z'uruhimbi. Ayo mahembe yaranga ca gitabu c'ivyaranguwe bavuga muri umuhero (20:12). Amaraso asigaye bakayamijira hasi kandi. Hasi hasigura umutima w'umuntu kuko umuntu agizwe mw'ivu. Abantu rero uko niko biyuhagira ivyaha vyabo.

Mugabo ntibashobora gutanga ishikanwa imisi yose. Niko rero Imana yaca uburyo bwo kwiyuhagira rimwe mu mwaka. Ni ku musi ugira icumi w'ukwezi kugira indwi, umusi wo kwiyuhagira ibicumuro. Kuri uyo musi, icariho c'abantu bose b'Israyeli, umwami ashinzwe inkuka, yazana impfizi zibiri z'impene, akazubika ko iminwe yihwe kugira azikurizeko ibicumuro vyose vy'abantu hanyuma akaziherza Imana kugira yoze ibicumuro vyose vy'abanya Israyeli.

"Aroni yashize ibiganza vyiwe vyose ku mutwe w'isuguru ibona y'impene, asabire immababazi amakosa yose y'abana b'Israyeli, n'ayandi makosha yose bakora, ajanye n'ibicumuro vyabo vyose, abishira vyose ku gahanga k'imfizi y'impene ibona".

Imana yatoye Aroni, umwami w'inkuka ya Israyeli, ngo abe icariho c'abantu bose, ngo

ashire ibiganza vyiwe ku mpfizi y'impene ikomeye kugira bozwe ibicumuro vyose bakoze mu mwaka.

Kandi yategerezwa kuvuga icese ibicumuro vyose vya Israyeli, "Mana, abana bawe ba Israyeli baracumuye. Twarasenze ibigirwamana, turasambura ingingo zose z'Amabwirizwa yawe, turambaza izina Ryawe ukutariko, turacura ibigirwamana bindi twongera aba arivyo dukunda kurusha Wewe. Nti twahimbaje umusi w'isabato, ntitwasonera abatuvyaye, twarishe, turasambana, turiba, n'ibindi. Twariziziwe n'ishari twongera turasubiranamwo".

Yaradondagura ibicumuro vyose bakoze. "Mana, si abanya Israyeli, si jewe, nta n'umwe ashoboye gukwirikiza itegeko ryawe na rimwe ryo mu Mabwirizwa yawe. Kugira dushobore gucungurwa ibicumuro vyacu vyose, nubitse ibiganza vyanje ku mutwe w'iyi mpfizi y'impene ngo ndayishireko ivyo bicumuro vyose". Umwami w'inkuka yashira ibiganza ku mutwe w'ishikanwa kubw'Abanya Israyeli bose ngo ibicumuro vyabo bisigare ku gatwe k'iryo shikanwa. Guhezagira, canke kwubika ibiganza ku mutwe bivuga "guha" (Abalevita 1:1-4, 16:20-21).



Imana yahaye abanya Israyeli ibirori vyo gutanga imperzwa kugira bashobore kwikuriza ibicumuro vyabo vyose kuri iryo shikanwa gurtyo bashobore kwicungura. Yarameneshe neza ko ishikanwa ritegerezwa kuba ritagira agatosi kandi ko ari ryo ritegerezwa kwicwa mu kibanza c'umuntu.

Ku musi wo kwozwa, ishikanwa ryaricwa amaraso yaryo bakayatwara mu kibanza ceranda kandi bakayamijagira incuro indwi ku cogerezo. Uko rero niko abanya Israyeli biyoza ibicumuro vyabo rimwe mu mwaka ku musi ugira icumi w'ukwezi kw'indwi.

Umwami w'inkuka yinjira ari wenyene mu kibanza ceranda kugira ahereze inkuka Imana, mugabo abantu baba bari ngaho hanze, bakumviriza ijwi ry'inzahabu ry'inkengeri ririko riravugira incuro indwi ku mutamana w'ikanzu y'uwo mwami w'inkuka igihe yariko aramijagira amaraso ku cogerezo. Ijwi ry'inoro ryari ijwi ry'Inkuru nziza. Yesu ntakunda kandi ntiyacunguye abantu bamwe bamwe gusa. Yesu yatwaye ibicumuro vy'abantu bose icarimwe igihe yabatirizwa. Yagomvye kutubohoza twese icarimwe. Ibicumuro vyacu ntibishobora gucungurwa imisi yose, bicungurwa ica rimwe.

Mu Bwuzure bwa Kera, kwoza ibicumuro vyaca mw'ihezagira no mw'ihereza. Aroni yashira iminwe yiwe ku mutwe w'impfizi y'impene ikomeye imbere y'ishengero akadondagura ibicumuro vyose abanyagihigu bakoze mu mwaka. Yashira ivyo bicumuro vyose kuri iyo mpfizi y'impene imbere y'abantu bose. None ibicumuro vy'abantu vyaja he? Vyaca bija ku gatwe k'iyo mpfizi y'impene.

Munyuma, iyo mpfizi y'impene yaca ijanwa "n'umuntu yabigenewe". Iyo mpfizi, yaca ijanwa mu bugaragwa na vya bicumuro vyose vy'Abanya Israyeli, ahatagira amazi ntihagire ubwatsi. Iyo mpfizi y'impene ikaruha igapfa iyerera ku zuba mu bugaragwa. Yapfa ku bw'ibicumuro vy'abanya Israyeli.

Ni urukundo rw'Imana, urukundo rw'urukiza. Uko niko ibicumuro vyo mu mwaka vyozwa muri ico gihe. Mugabo ubu turi mu gihe c'Ubwuzure Bushasha. Haraheze imyaka 2000 kuva Yesu aje kw'isi. Yaje kugira arangure ivyo

yaburiye abantu mu Bwuzure Bwa Kera. Yaraje kandi yaracunguye ibicumuro vyacu vyose.

KUGIRA ADUCUNGURE



Muri Matayo 1 dusoma ngo: *"Amaze kuvyiyumvira, intumwa y'Umukama iramubonekera ari mu ndoto imubwira iti: Yozefu mwene wa Dawidi, ntutinye kubana na Mariya umugore wawe: iyo nda afise yamutse kuri Mutima Mutagatifu" (Matayo 1:20-21).*

Data wa twese yabicishije mu mubiri wa Mariya Yasamye ata gicumuro kugira arungike Umuhungu Wiwe kw'isi aze kwoza ibicumuro vyose vy'abantu. *"Uzovyara umwana w'umuhungu, izina uzomwita ni Yesu"*. Ivyo vyavuga ko umuhungu Mariya azovyara azoba Umukiza. Yesu Kristo ni ukuvuga uwuzoza gukiza ibicumuro igihugu ciwe, ni ukuvuga, Umukiza.

Yesu yacishije mw'Ibatisimu yahawe mu ruzi rwa Yorodani kugira akize abantu ibicumuro. Yahawe Ibatisimu na Yohana Batista, ibicumuro vyose aca aravyiremeka.

Yesu amaze kubatizwa, arava mu mazi; niho ijuru ryuguruka, akabona Mutima w'Imana yururuka nk'inuma, amuzako. Ijwi rica ryasirana mw'ijuru rivuga riti: "Uyu ni Umwananje nkunda cane, muri We, nahasanze ibinerzera vyose."

Yesu yagiye kwa Yohana-Batista kugira adukize ibicumuro vyacu vyose. Yarinjiye mu mazi yunamika umutwe Wiwe imbere ya Yohana-Batista. Kwari ukugira arangure ingingo yose y'ubutungane. "Kubera ntegerzwa kwakira

ibicumuro vyose vyo kw'isi ngo nkize abantu bose ibicumuro, ntegerezwa kubibakira mbanje kubatizwa. Mbatiriza! Ndabigusavye!"

Birumvikana rero ko vyari bikwiriye kugira arangure ubutungane bwose. Yesu yabatirijwe na Yohana-Batista. Kandi muri ico gihe nyene, ubutungane bwose bw'Imana bukura abantu ibicumuro bwararanguwe.

Uko niko yatwaye ibicumuro vyau vyose. Gurtyo, ibicumuro vyacu bica bija kuri Yesu. Mwavyumvise?

Ni mwemere urukiza rw'Ibatisimu ya Yesu na Mutima mukizwe ibicumuro.



Imana yabanje kwemerea abanya Israyeli ko ibicumuro vyose vyo kw'isi bizokwozwa mu kwubika ibiganza no mugutanga inkuka y'igicumuro. Mugabo ntivyari gukunda ko bose bubika umwe umwe ibiganza vyabo ku mutwe w'impfizi y'impene, Imana ica ishinga Aroni ico gikorwa co guhereza ry'incungu mu kibanza c'abantu bose. Gurtyo, yaba ahereje ica rimwe, vya bicumuro vyose vyari bihasanzwe, ku gatwe k'iyo mperezwa y'mpfizi y'impene. Ubwo ni ubwitonzi n'ububasha bw'ukwihana. Imana ni bwitonzi kandi ni igitangaza.

Yarungitse Umuhungu wayo Yesu kugira akize abantu ibicumuro. Ni ukuvuga ko ishikanwa ryari ryarateguwe. Hanyuma hari hakenewe icariho c'abantu bose. Uwategerezwa kwubika ibiganza vyiwe ku mutwe wa Yesu, kugira amushireko ibicumuro vyose vy'isi. Ico cariho yari Yohana Batista. Muri Matayo 11:11, Imana yarungitse icariho c'isi yose imbere ya Yesu.

Yohana Batista niwe Mwami wanyuma w'inkuka y'abantu. Nk'uko vyanditswe na Matayo 11:11, *"Nukuri ndababriye: mu bana b'abantu, nta numwe asumba Yohana-Batista; ariko mubari mu Bwami bw'ijuru, umuto muri bo, aramuruta"*. Niwe cariho c'isi co nyene. Yarungitse Yohana ka cariho c'ibiremwa vyose, ngo abatirize Yesu amuhe ibicumuro vyose vy'abantu.

Hamwe imiliyoni zitandatu z'abantu boja kwubika ibiganza vyabo ku mutwe wa Yesu kugira bamuhe ibicumuro vyabo, umutwe wa Yesu vyowugendera gute? Hamwe abantu barega imiliyoni zitandatu bose bokwubika ibiganza ku mutwe wa Yesu, vyohava biba ibirori. Abari n'amakari bohava bashimika kuburyo Yesu yohava aturika ubuhanza. Imana kubera ubwitonzi bwiwe, yarungitse Yohana-Batista ngo atubere icariho kandi yahereje ica rimwe Yesu ibicumuro vyacu vyose.

Biranditswe muri Matayo 3:13-17. *"Yesu nawe ava I Galileya aja I Yorodani kwa Yohana ngo abatizwe nawe"*. Hari igihe Yesu yari afise imyaka 30. Yesu yasiramuwe haheze imisi 8 avutse. Kandi handitswe ibintu bike ku buzima Bwiwe imbere y'uko ashikana imyaka 30.

Igituma Yesu yategerezwa kurundira ngo ashikane imyaka 30 kugira abe Umwami w'incungu wo mw'ijuru kwari ukugira arangure Ubwuzure bwa Kera. Muri Deteronome, Imana ibwira Musa ko umwami w'incungu azotegerezwa kubanza kugira imyaka 30 imbere yo kuronka iryo banga. Yesu niwe mwami w'incungu yo mw'ijuru. Muravyemera?

Mu Bwuzure Bushasha, Matayo (3:13-14) atubwira ati: *"Yesu nawe ava mu Bugaliya aja I Yorodani kwa Yohana ngo abatizwe nawe. Yamara Yohana aramwankira ati: 'Ni jewe ntagrezwa kubatizwa na We, none uje iwanje?'"* Ni nde icariho c'abantu kw'isi? Ninde ari icariho

cijuru? Ivyo vyariho bibiri vyari bihuye. None ari aruta uwundi? Birumvikana ko ari icariho co mw'ijuru.

Ni ukuvuga ko Yahana Batista yari yishize hejuru mu kubwira abigisha bakuru bakuru bo muri ico gihe ati: "Mwana bana b'inzoka, ni mwihane!", ubwo nyene yaciye acika umuntu muto imbere ya Yezu: *"Ni jewe nkene kubatizwa na We, none ni We uje ngo ndakubatize?"*

Yesu aramwishura ati: *"Pfayo kundeka muri uyu mwanya, nanone birabereye ko turangura vyose mu ngingo"*. Yesu yaje kuri iyi si kugira ngo abatizwe na Yohana Batista.

"Nuko rero Yohana aramureka. Yesu amaze kubatizwa, arava mu mazi; nihoijuru ryuguruka, akabona Mutima w'Imana yururuka nk'inuma, amuzako. Ijwi rica ryasirana mw'ijuru rivuga riti: 'Uyu ni Umwananje nkunda cane, muri We, nahasanze ibinezera vyose.'"

Ivyo niko vyagenze Yesu amaze kubatizwa. Urugi rw'ijuru rwaciye rwiyugurura Yesu amaze kubatizwa na Yohana Batista agatwara ibicumuro vyo kw'isi.

"Kandi kuva mu misi ya Yohana Umubatizi gushika n'uno musi ubwami bw'ijuru burabara kubera ababuhotora, kandi hari ababuhotora ngo babujemwo ku nguvu" (Matayo 11:12).

Abahanuzi bose n'ibwirizwa ry'Imana birigisha umuzo wa Yohana Umubatizi. *"Kuva mu misi ya Yohana Batista gushika ubu, Ubwami bw'ijuru bushikirwa uwukomeye kandi abaharana nibo babutsindira"*. Abemera bose ibatisimu Yiwe bazoja mu Bwami bw'ijuru ata n'umwe avuyemwo.

“NA JE SI JE NDAYIKUGEREKA KO”



Yesu yabatijwe na Yohana Batista akura abantu bose ibicumuro. Ariko munyuma abwira wa mugore ati, *“Na Jewe si Je ndayikugerekako”*. Ntiyageretse intahe kuri uyo mugore kubera yari yaramaze gukura abantu ibicumuro mu ruzi rwa Yorodani, ni Yesu rero yategerezwa gukubitwa intahe ku bw’ibicumuro vy’abantu.

Yesu yarakuye abantu ibicumuro vyo kw’isi. Turashobora kwibaza ingene yari Afise ubwoba kubera gutinya kubabara ku Musaraba kubera *“impera y’igicumuro ni urupfu”*. Yarasenze ku Mana incuro zitatu ku Musozi wa Olive kugira yikuremwo uru rubanza. Yesu yari afise ibikomere vy’ukubaho kw’abantu, birumvikana rero ko yari afise ubwoba bwo kubabara. Yesu yategerezwa kuva amaraso kugira urubanza ruranguke.

Nk’uko inkuka y’ibicumuro mu Bwuzure bwa Kera yategerezwa kuva amaraso kugira irihe ibicumuro, Yategerezwa guherezwa ko inkuka ku Musaraba. Yaramaze gukura abantu ibicumuro vyose vyo kw’isi hanyuma naho yategerezwa gutanga ubuzima Bwiwe kugirango twihane. Yari azi ko yyategerezwa gucirwa urubanza imbere y’Imana.

Yisu ntiyigeze agira igicumuro mu mutima Wiwe. Mugabo kuko ibicumuro vyose vyaciye bija kuri We biciye mw’ibatizwa Ryiwe, Imana yategerzwa gucira urubanza Umwana Wayo bwite. N’uko rero ubwa mbere, ubutungane bw’Imana bwararanguwe hanyuma ubwa kabiri,

Yaraduhaye urukundo Rwiwe kugira dukizwe. Nico gituma Yesu yategerezwa gucirwa urubanza ku Musaraba.

"Ntuze wigere uvuga ngo ndaguhanye, ntuze wigere uvuga ngo ndaguciriye urubanza". Ibicumuro vyacu vyose, ivyo dukora tubishaka canke ivyo dukora tutabishaka, ibizwi canke ibitazwi, bitegerezwa guhanwa n'Imana.

Imana ntiyaciriye urubanza twebwe, ahubwo yaciriye urubanza Yesu We yakiriye ibicumuro vyacu vyose kuri We mu kubatizwa. Imana ntiyashatse kuduhana ku bicumuro vyacu kubera umutima Wiwe w'ikigongwe. Ibatisimu n'amaraso k'Umusaraba wari umutima Wiwe w'ikigongwe Adufitiye. *"Kubera Imana yakunze abantu yabahaye Umwana Wiwe w'ikinege, kuko abamwemera batazokwigera bapfa ahubwo bazokwamaho ubuzima bwabo bwose" (Yohana 3:16).*

Ng'uku ingene twamenye urukundo Rwiwe. Yesu ntiyigeze acira urubanza wa mugore yafatwa ariko arasambana.

Yari azi ko ari umucumuzi kuko yari yafashwe ariko arasambana. Si we wenyene yari afise igicumuro mu mutima wiwe, mugabo yaragikuye naco nyene aho yabambwa. Nta kuntu na kumwe yari gushobora guhakana ko yacumuye. Mugabo, kubera yemera ko Yesu yakuye ibicumuro vyose, yarakijijwe. Niyo twemera mu nkuru y'agakiza ya Yesu, tuzokizwa. Vyemere! Ku neza yacu twebwe nyene.



Abantu bose baracumura. Abantu bose barasambana. Mugabo abantu bose ntibahanwa

ku bicumuro vyabo. Twese twaracumuye, mugabo abemera mu rukiza rwa Yesu-Kristu nta gicumuro bafise mu mitima yabo. Umuntu yemera mu rukiza rwa Yesu arahiriwe mu bandi bose. Abahezagiwe kurusha abandi ni abo babohowe ibicumuro vyabo vyose, abao basigaye ari intungane muri Yesu.

Imana aratubwira ingene amahirwe ameze muri Abaroma 4:7, *"Hahezagiwe abo barekuriwe ukurenga amabwirizwa kwabo, kandi ibicumuro vyabo vyahanaguwe"*. Twese turacumura gushika ku musi w'urupfu. Turagambararira Imana kandi ntidufise ubwenge bukwiye. Tuguma dukora ibicumuro naho twoba tuzi Ibwirizwa Ryiwe. Nta nkomezi dufise.

Mugabo Imana yaradukijije mw'ibatisimu n'amaraso y'Umwana Wiwe w'ikinege hanyuma atubwira, wewe na jewe, ko tutakiri nagato abacumuzi, kandi ko dusigaye ubu turi intungane imbere Yiwe. Atubwira ko turi abana Biwe.

Inkuru nziza y'amazi na Mpwemu ni inkuru nziza y'urukiza. Uravyemera? Abemera, Abita intungane, abarokore, abana biwe. Ninde ahiriwe kurusha abandi ngaha kw'isi? Uwo muntu yemera kandi yakijijwe. Woba warakijijwe?

Yesu yoba yaribagiye gukura ibicumuro vyawe? Oya, Yaratwaye ibicumuro vyawe vyose mw'Ibatizwa Ryiwe. Vyemere. Vyemere kandi ubohorwe ibicumuro vyawe vyose. Reka dusome Yohana 1:29.

NKA KURYA WOBA UGAVYE UFISE UMUKUBUZO



"Ku musi ukwirikira Yohana abona Yesu ariko aza amugana, avuga ati, 'Ng'uyu! Umwagazi w'Imana ukura abantu ibicumuro vyo kw'isi!'" (Yohana 1:29)

"Ng'uyu! Umwagazi w'Imana ukura abantu ibicumuro vyo kw'isi!"

Yohana Umubatizi yashize ibicumuro vyose vyo kw'isi kuri Yesu mu ruzi Yorodani. Umunsi ukwirikira, yabaye icabon c'uko Yesu ari umwagazi w'Imana wo ukura abantu ibicumuro vyose vyo kw'isi. Yikoreye ibicumuro vyose vyo kw'isi.

Ibicumuro vyose vyo kw'isi ni ukuvuga ibicumuro abantu bakora ng'aha kw'isi mu buzima bwabo, kuva isi iremwa gushika ku muhero. Mu myaka 2000 iheze, Yesu yarakuye ibicumuro vyose kandi aratugirira imbabazi. Nk'Umwagazi w'Imana, yarakuye ibicumuro hanyuma aracirwa urubanza ku bwacu.

Ibicumuro vyose dukora mu buzima abwacu vyagiye ku gatwe ka Yesu. Hanyuma aca aba Umwagazi w'Imana ukura abanatu ibicumuro vyose vyo kw'isi.

Yesu yaje ng'aha kw'isi nk'umuntu muto yicishije bugufi, nk'umuntu azoshobora gukiza abacumuzi bose bo kw'isi. Turacumura kubera turi abantu batagira inkomezi, kubera turi ababisha, kubera tutagira, kubera dukunda gushurashura, kubera tudakwiye. Ivyo bicumuro vyose vyarogejwe bishirwa kuri Yesu mw'ibatizwa ryiwe mu ruzi Yorodani. Hanyuma arabiheza mu gupfa abanje kubabara ku Musaraba. Yarahamvywe mu kuzimu ariko Yarazutse haheze imisi 3.

Nk'Umukiza w'ibicumuro vyose, nk'Uwatsinze, nk'Umucamanza, ubu Yicaye iburyo bw'Imana. Ubu rero ntategerezwa kwama ariko aratugiria imbabazi uko bukeye uko bwije, abantu batemra barindiriwe n'urupfu. Nta rundi rubanza.

Yesu yarabarokoye mwese. Muri abantu barusha abandi amahirwe kw'isi. Ibicumuro vyose muzokora muri kazoza kubera inkomezi nke Yaramaze kubikura.

None nta gicumuro na kimwe gisigaye mu mitima yanyu? -Oya.-

Yesu yoba yyarabikuye vyose? -Ego! Yarabikuye.-

Abantu bose ni bamwe. Nta n'umwe yikwiye kurusha abandi babanyi. Mugabo kubera abanatu benshi bigira berahino, baca bibaza ko Atari abacumuzi. Mugabo imbere mu mitima yabo ni abacumuzi nabo nyene. Iyi si ni urugarama rutarika ibicumuro.

Iyo abagore bavuye imuhira, barisiga agahama, mu maso, basuka imishatsi, bakambara impuzu nziza nziza, ibirato birebire….Abagabo nabo nyene baraja kwa kimyozi kugira abamwe imishatsi, bakigira neza, bakambara agashati kameze neza, bakambara ikaruvati ziharawe, bakambara ibirato bisayangana.

Ariko naho baba basa n'abana b'abami canke abamikazi, imbere muri bo baba ari imicafu yo mw'iyarara.

Mbega amahera arashobora gutuma umuntu agira amahirwe? Mbega amagara meza arashobora gutuma umuntu agira amahirwe? Oya. Urukiza ni rwo rwonyene rutuma umuntu agira amahirwe vy'ukuri. Mugabo kurya umuntu womengo arahiriwe ku rukoba niko usanga afise amaganya imbere mu mutima iyo ari umucumuzi. Mu buzima bwiwe agumana ubwoba bw'urubanza rw'imperuka.

Umuntu yakijijwe akomera nk'intambwe y'amakare. Nta gatosi aba afise imbere ku mutima wiwe. "Urakoze Mukama, Warakijije umucumuzi nka nje, Waromoye ibicumuro vyanje vyose. Ndazi ko ata kintu kini nokwishoboza, mugabo ndagusenga kubera Wankijije. arakijijwe ubuzima bwose ibicumuro

vyanje. Nihaninahazwe izina ry'Imana!".

Umuntu yakijijwe ni umuntu ahiriwe vy'ukuri. Umuntu yahezagiwe n'inema yeza Yiwe arahiriwe vy'ukuri.

Nk'uko Yesu ari *"Umwagazi w'Imana ukura abantu ibicumuro vyo kw'isi"* yakuye ibicumuro vyacu vyose, ntitukiri abacumuzi. *"Yarahejeje"* kudukiza ku Musaraba. Ibicumuro vyacu vyose, ivyawe n'ivyanje, *"ni ibicumuro vyo kw'isi",* kandi kubera ico twese twarakijijwe.

KUBERA UGUSHAKA KW'IMANA



Bagenzi, urya mugore yafashwe ariko arasambana yaremera mw'ijambo rya Yesu kandi yarakijijwe. Ivyamushikiye vyanditswe muri Bibiliya kubera yari yarahezagiwe n'urukiza. Mugabo Abafarizayo n'Abakarani kubera ukwiyorobeka baciye bahunga Yesu.

Iyo wemera Yesu, uragirigwa ikigongwe, ariko iyo uhunze, ni umuriro udahera. Iyo wemera ivyo Yakoze, uragirigwa ikigongwe, iyo utemera ivyo Yakoze, nico kimwe no kuja mu muriro udahera. Urukiza ntibica mu nguvu z'umuntu, biva ku rukiza rwa Yesu.

Reka dusome mu Baheburayi 10. *"Mw'ibwirizwa, kuronka agatutu k'ibintu biryoshe, si co cerekana ibintu, kandi zirya nkuka baguma bahereza ku mwaka ku mwaka si zo zizotuma baba abantu bafise vyose. Kubera ico boba boshobora guheba kuba imperezwa? Kubayoboke, iyo bamaze kwozwa, ntibasubira kwibaza ko bigeze bakora ibicumuro. Mugabo muri ivyo biherezwa harimwo icibutso*

c'ibicumuro ku mmwaka ku mwaka, ku buryo bidashoboka ko amaraso y'imfizi n'impene bidashobora gukura ibicumuro. Nico gituma, aho Yaza kw'isi, Yavuze ati:Mugabo muri ivyo biherezwamana harimwo icibutso c'ibicumuro umwaka wose, kuberako bidashoboka ko amaraso y'ibimasa n'imfizi y'impene adashobora gukura ibicumuro. Nico gituma, igihe Yaza kw'isi, yavuze ati: "inkuka mupereza sizo zikenewe, ahubwo igikuru ni umubiri mwanteguriye". Igihe muturira inkuka n'imperezwa kubera igicumuro ntibiryoha. Niko kuvuga nti, "Umwenda mfise- mu gitabu canditswe kuri Jewe- gukora ivyo Ushaka, Ewe Mana". Yarakuye ivya mbere kuburyo ategerezwa gushiraho ibigira kabiri. Kubera ivyo, twarahezagiwe mu kuducunguza umubiri wa Ysu-Kristu ubutagisubira inyuma" (Heburayi 10:1-10).

"Kubera ugushaka kw'Imana" Yesu Yarahevye ubuzima Bwiwe kugira akure ibicumuro vyose mu kiringo kimwe kandi yaraciriwe urubanza kuri vyose mu kiringo kimwe hanyuma asubira kuba muzima.

Nico gituma twahezagiwe. *"Kuba twararonse umuhezagiro",* vyanditswe muri kahise. N'ukuvuga ko kugiriwa ikigongwe bidakeneye gusubirwamwo. Waramaze guhezagirwa.

"Hanyuma umupastori wese aguma yigisha imisi yose asubiramwo gutanga incungu zitazokwigera na rimwe zishobora gukura abantu ibicumuro. Mugabo uyu Muntu, amaze gutanga incungu imwe gusa y'ibicumuro ubudahera, yaciye yicara iburyo bw'Imana, arindiriye kuva ico gihe ko abansi Biwe abicarako nk'intebe. Kubera incungu imwe gusa Yaragize beza ubutagihera abo bahezagiwe" (Abaheburayi 10:11-14).

Warahezagiwe ubutagihera. Niyo wacumura ejo mu gitondo, none uzoba usubiye kuba

umucumuzi? None Yesu ivyo bicumuro vyovyo ntiyabikuye co kimwe n'ibindi? Ego. Yarakuye ibicumuro vyo muri kazoza, na vyo nyene.

"Mugabo Mpwemu Mweranda, araducungera; kuva amaze kuvuga imbere, 'Aya ni amasezerano nzogira nabo inyuma y'iyo misi, niko Umukama avuga: Nzoshira amabwirizwa Yanje mu mitima yabo, hanyuma nongere ndayandike mu vyiyumviro vyabo'. Arongera ati, 'Ibicumuro vyabo n'ukudakwirikiza amabwirizwa bituma ntazosubira kwibuka na gato.' 'Ubu ahavuye igicumuro, ntihasubira na rimwe kuba incungu y'ibicumuro' Now where there is remission of these, there is no longer an offering for sin" (Abaheburayi 10:15-18).

Ijambo *'gukurwa ibicumuro'* bisigura ko yakuye ibicumuro vyose vyo kw'isi. Yesu ni Umukiza wacu. Umukiza wanje akaba n'Umukiza wawe. Twarakijijwe kubera ukwemera dufise muri Yesu. Aka niko gakiza muri Yesu kandi niyo mbabazi ikomeye ibindi n'ingabire nkuru kurusha ibindi vyose twagabiwe n'Imana. Wewe na jewe, twebwe twacunguwe ibicumuro vyose nitwe twahezagiwe kurusha abandi bose! ✉